# Uyu Muvuga Ngo Ni Nde

Phoenix, Arizona, USA
27 Kigarama 1964

1 Mwaramutse, bagenzi. Mu vy'ukuri mbona ari amahirwe kuba hano muri iri shengero. Ubwa mbere bwobwo hariho ukuntu nakunze izina ryaryo. Ryitwa "Izina rya Yesu." Ivyo ndabikunda. Kandi ndiyumvira yuko ivyo ari.... Iri ni ryo Zina ryancunguye, iryo Zina ry'igikundiro ry'Umwami Yesu. Hanyuma kuba hano hamwe n'abagenzi banje beza, bakoraniye hano mw'iki gitondo ciza kuw'Iyinga, hano muri Phoenix. Sinzi ahandi hantu nohitamwo kuba, kiretse kubana namwe mwese muri bwa Bwiza. Kandi ni co kintu kizoba turindiriye umunsi umwe.

Rero nahamagawe n'uwurwaye, imbere yuko nduga hano, uyu munsi. Kandi nariko ndavugana na Mwene Data Outlaw, umugenzi wanje w'igiciro, yariko arantumira angoberera kuza. Kandi abakozi b'Imana bose ba hano muri Phoenix bambereye abantu beza koko.

2 Ndibaza rimwe na rimwe impamvu nimukiye i Tucson. Mazeyo imyaka itatu, yamara nta gicaniro na kimwe barigera bantumirako. Ndakeka rero ko mfise...ntegerezwa kugira ukugendera kwanje hiyo ruguru muri Tucson...nako hano muri Phoenix, aho numva mpawe ikaze. Emwe, kumbure yuko bamenyera ukuntu....Murazi,ijoro rimwe naravuzeyo ubutumwa, rero nca mvuga amasaha atatu; ntibitangaje kubona batasubiriye kunsaba ngo ngaruke.

Ariko mu mutima wanje ndafise igishika kubw'Imana n'abantu bayo. Rero ndateba cane, maze nkagira ubwoba yuko ngiye gusiga ikintu imirenzako hanyuma sindonke ukuntu ndacinjiramwo bihagije, maze ubutumwa bumwe ngaca ndabwinjizamwo ubutumwa butatu canke bune. Rero mu vy'ukuri... kuri mwebwe mwari hiyo hepfo, ndasavye imbabazi kubwo kubafatira umwanya muremure nk'urya. Sinategerezwa kuba narabikoze.

3 Muri iki gitondo nezererewe kandi kuba kubona ndi hano ndi kumwe na Mwene Data Carl Williams, na Jimmy akiri muto yicaye hano, hamwe na korare, n'abagenzi banje benewabo na Moseley; ehe ng'urya Mwene Data John Sharrit, na benshi mu bagenzi banje; Mwene Data Pat Tyler, hano, ava hiyo ruguru i Kentucky, hamwe n'abagenzi benshi bakoraniye mur'iri koraniro muri iki gitondo. Murabona, nabonye nabonye abagenzi banje benshi bavuye muri Tucson n'ahandi, bicaye hano.

Ndiyumvira umunsi umwe aho ibi vyose bizoba vyarangiye, noneho tukazohurira aho tuzoba...ntituzoba...ntituzigera duhagarika kwumva uyu muziki mwiza, murabona. Gusa naje kubona yuko uriya muhungu wa Mwene Data William, urya yicaye hariya inyuma, yuko ari we yashinze intahe umugoroba umwe hariya i Ramada Inn. Kandi ndibaza yuko afise uburebure bw'imetero hafi 1,82 . Ariko ndabibwire, inyuma y'iyo ntahe, ndibaza yuko yari apima uburebure bwa metero 3. Ari gusa.... Mu vy'ukuri narashimye ivyo uyo muhungu yavuze, intahe nziza cane.

4 Iyo numvise aba basore beza bashingira intahe ukwizera kwabo gushinzwe muri Kristo....Kandi ndiko ndasaza, kandi jewe...umunsi umwe nzotegerezwa guhagarika hanyuma ngataha i muhira. None ndabona aba basore bakiri bato bariko baraza biteguye, kandi biteguriye kunkorera mu ngata aho nzoba nagarukirije....Kandi ukwo ni ko tubikora. Ukwo ni ko ubuzima bumuze; yuko twebwe... urunganwe ruraza...papa na mama. Hanyuma bakarera abana babo, bakababona bubatse izabo; hanyuma n'abuzukuru bakaza. Maze inyuma y'igihe gito, papa na mama baca bahambwa mu kungugu. Hanyuma, mw'ico gihe, abo bana na bo noneho bakaba biteguriye kubona abuzukuru; hanyuma na bo nyene, ivyabo bikarangira. Ariko umwe wo mur'iyi minsi, hazobaho izuka rusangi rikomeye. Twese tuzohamagarwa imbere y'Imana, kugira ngo tubazwe ico twakoresheje ivyo Imana yaduhaye: Yesu Kristo. Kandi rero, ndanezerejwe cane no kumenya yuko nabayeho mur' uru runganwe rw'abantu beza cane, abo nahuye na bo hirya no hino kw'isi. Jewe...gusa ndashimira Imana. Kandi umunsi umwe ninahamagarwa, emwe, nzotegerezwa kuja kwemanga ivyo nakoze. Nshaka ko vyose biba kubw'ubwiza n'icubahiro vy'Imana.

5 Hariho ibintu vyinshi nk'uko na... turegereje umwaka mushasha nifuza yuko nokwibagirwa, ariko ndazi yuko nabiyaturiye yuko ibikorwa bibi kandi yuko yabitereye mu kiyaga co kwibagira, rero ntuyigera ivyibuka ukundi. Noneho nimurabe, twebwe si uko turemwe, tuzoguma na ntaryo twibuka. Turashobora kubabariranira, ariko ntidushobora kuvyibagira kubera turemwe ugutandukanye. Ariko Imana irashobora kubabarira no kuvyibagira. Irashobora kubihanagura ku buryo bimera nk'ibitigize kubaho. Murabona? Kubera yuko yoyo Irafise uburyo bwo gushika kw'ico kiyaga co kwibagira, gusa twebwe ntavyo dushoboye. Nimuvyiyumvireko gusa, yuko Imana idashobora no kwibuka yuko twigeze gukora icaha! Nimuvyibazeko! Abaririmvyi, mwa basore mwe, vyogenda gute hamwe...ivyo na vyo muvyumva gute? Imana nta n'ubwo yibuka yuko twigeze gukora icaha. Murabona, ivyo bintu vyose Ishobora kuvyibagira, maze ntivyongere kwibukwa ukundi. Mbega ivyo ntaco bibabwiye?

6 Iki si ikibanza co guteburiramwo. Sinizera ivyo bintu vyo gutebura n'utugenegene two gutwenzanya....Binyibukije incuti yanje imwe. Kano kanya yaramaze kwitahukira mu bwiza. Ariko igihe kimwe yaranteye inkuru ntoya ijanye n'abubakanye bamwe bimukiye mu gisagara kimwe hanyuma... bari bavuye mu kindi gihugu. Rero bari bafise umu....Uwo muryango ukiri mushasha wari ufise se wabo w'umutama, na we akaba yari afise umuriro ururumba kubw'Imana vya nyavyo. Ni ho rero uwo mukenyezi

akiri muto (nya mutama yari se wiwe) yategerezwa kuba yagiye kugirira imyimenyerezo hamwe n'abandi. Murazi, hamwe mugira vya bintu vy'imyidagaduro nyene. Rero uwo munsi yari yagiriye imyidagaduro kanaka muhira iwe.

Hanyuma se wiwe, amaze gufungura imfungurwa ziwe zo ku murango, emwe aca ahitana Bibiliya yinjira mu cumba kugira ngo abe arasoma gato. Ngo yaca ayirambika hasi, akarira, akavuza induru, agasemerera, akaguma mur'ivyo, agahaguruka akambara amarori yiwe akongera agasoma kandi. Yongeye kubona ikindi kintu, yaca yambura amarori agatangura kurira avuza induru. Uwo mugore aca yibwira ati: "Ivyo bintu birashobora kunyononera umugwi wanje, aha rero ntegerezwa ku...ntegerezwa kuraba ikintu nkorera dawe, kandi simbona ico ndi bukore." Aca ahitamwo kumushira ahantu mu cumba co hejuru, akamushira hi—hiyo hejuru

7 Aca yibwira mu mutima wiwe ati: "Emwe ubu hoho, sinsubira kumuha Bibiliya, kubera no hiyo hejuru ashobora gukorerayo nka birya nyene." Rero aca amuha igitabu kivuga ivy'Indondabihugu, hanyuma amurungika hiyo hejuru. Amubwira ati: "Dawe, raba ayo mashusho yo hirya no hino kw'isi n'ibindi mu gihe twebwe turiko turagira ibirori." Yongerako ati: "Ntituza gutevya cane, tuza kuba turangije...mu kanya uraca umanuka." Agira ati: "Nibaza yuko atari ngombwa ko uguma aha hafi mu gihe abari hano twese turi abagore."

Na we ati: "Oya, vyose ni vyiza mukundwa. Reka nidugire hiyo hejuru."

Rero uwo mutama...Amushirirayo itara hamwe n'ahantu hamwe ho kwicara. Hanyuma aribwira ati: Emwe, ndibaza yuko ivyo bitorewe umuti. Ubu hoho, aza kuraba amashusho gusa yongere asome gato ku bijanye n'ivy' Indondabihugu, hanyuma rero...maze inyuma y'akanya gato aca amanuka. Natwe tuzoba twarangije."

8 Bugingo rero bari bageze nko hagati bariko baranywa ikinyobwa cabo, murabizi, bongera bagira ibirori vyabo....emwe haheze akanya gato, inzu itangura kunyiganyiga, wa mutama atangura kwiterera yongera yikumbagaza hasi, yongera avyuka asimbagurika. Wa mugore aribaza ati: "Bimugendeye guwte? Hiyo hejuru aho ari nta Bibiliya afiseyo. Nuko....Ategerezwa kuba afiseyo Bibiliya."

Aca arashirukanya adugayo, avuga ati: "Dawe!" Agira ati: "Iyo si Bibiliya uriko urasoma. Ico ni igitabu c'Indondabihugu."

Na we ati: "Ndabizi, mukundwa. Ndabizi! Ariko," avuga ati: "Urazi, ejo bundi nariko ndasoma muri Bibiliya aho Yesu yavuze yuko yatereye ivyaha vyacu mu kiyaga co kwibagira, urabona, kandi yuko bitongera kwibukwa ukuntu. Hanyuma aha na ho nariko ndasoma aho bavuga yuko badashobora kugera aho babona mu bwina bw'ikiyaga, mu vy'Indondabihugu." Avuga ati: "Niwiyumvire, n'ubu baracabandanya baharondera."

Ivyo vyaramuteye umunezero. Rero urashobora rero kubona Imana aho uravye hose. Murabona, nniwaraba hirya no hino yawe, ibintu vyose ni Yo bivuga.

9 Noneho mu vyukuri, mvugishije ukuri, nabwiye Mwene Data Outlaw, nti: "Nza kuvuga ku ki muri iki gitondo? Waravuze ku butumwa bwawe bwa Noheri?"

Na we ati: "Egome."

Hanyuma nti: "Ubutumwa bwawe bw'umwaka mushasha?"

"Oya."

Rero, nari nsanzwe mfise urutonde rw'utuntu hano hamwe ndonse ubutumire ahantu kanaka; ngiye kuvuga ubutumwa bwanje bw'umwaka mushasha. Niyumviriye yuko ivyo nzobisigira Mwene Data Outlaw kubera ubutumwa bwiwe, mw'iyinga riza.

Rero niyumviriye yuko kumbure nosubira inyuma vyandiko bike mfise hano dushobora kumarako uwamya mu minota mikeya, Umwami niyabishaka. Kandi turizera yuko aza kuduhezagira. Ndashaka gushimira Mwene Data Outlaw na rino shengero, kubona mwarantumiye ngo nze mvugire hano. Rero nanje....Nk'uko Mwene Data Outlaw yabivuze, "ubucuti bwacu ntibwigeze bukabirana," ariko ubuntu bw'Imana ni bwo bwatuzigamye mur'iyi myaka yose. Iri ni ryo shengero rya mbere rintumiye, maze nkaza, ni iri ryo muri Phoenix.

10 Ndabizi...Ndibaza yuko ndiko mbona Mwene Data Trow, hano. Sindabizi neza...uyu yicaye aha nyene imbere. Ni vyo, Mwene Data Trow? Ndizera yuko twari kumwe kuva ico gihe cose. Ndafise utuntu duto yampaye muri ico gihe; utuntu... barabiguha canke ikintu nk'ico. Murabizi, utuntu duto tw'umuringa tuva hiyo ruguru aho muba. Hanyuma uravye hirya no hino...Kandi ndibaza gusa uko bizoba bimeze ca gitondo nitwamara kujabuka, murabizi, hanyuma tugatangura kubonana n'abantu...bavuga bati: "Emwe, ng'aho...." Murazi, tuzoba dukanura neza cane bitandukanye n'uko tur'ubu, kuruta ivyo dukora ubu. Tuzo....Ukwo ni ukuri. Ntituzoba dufise ibimenyetso na bimwe vy'icaha canke ubusaza. Tuzoba

dutunganye. Oo, ico gihe ndakinyotewe (mweho si uko?) aho ingorane zose zizorangirira.

11 Kano kanya, numva mfise ubutumwa buvuye ku Mana. Kandi ndi...Sinshaka kuba umuntu atandukanye, ariko ntegerezwa kuba imvugakuri. Nintavuga ivyo nizera, mw'ico gihe ntimushobora kungirira icizere. Kubera yuko noba meze nk'umuhemu canke indyarya. Nanje nshaka kuba ikindi kintu cose usivye ivyo, murabona. Nshobora gutakaza incuti nke kw'isi, ariko nshaka kuguma ndi umwizigirwa ku vyo nizera, ku vyo mbona yuko ari ukuri.

12 Noneho, mu myaka yashize, vyari vyoroshye cane igihe natangura ubwa mbere; hamwe n'ibimenyetso, n'ubutumwa, no kwamamaza. Ahantu hose imiryango yaba yuguruye: "Ngwino! Ngwino! Ngwino! Ngwino!" Ariko ubu, murabona, ikimenyetso cose c'ukuri kiva ku Mana kiba gifise ubutumwa, ijwi. Murabona, rica rigikurikira. Nimba atari...Nta kintu na kimwe Imana itanga kugira ngo dushimishwe gusa no kuba catanzwe. Irungika ikintu kugira ngo ikwege ukumera magabo kwacu ku vyo iba yimirije kuvuga. Nk'uku twagize iyi ndirimbo nziza cane iyi abaririmvyi baririmvye; yari igamije iki? Gushira abantu mu gutekana kubw'ubutumwa bugiye kuza.

Ico ni co ikimenyetso gikora. Mose yari afise ibimenyetso, bimwe twavugako wa mugoroba, kandi ivyo bimenyetso vyari bifise amajwi. Kandi i...iyo ijwi rivuze...Yesu yaragiye arakiza abarwaye. Yari Umuntu ahambaye. Ariko igihe hagera aho uwo Muvugishwa, yari kw' isi...Nuko ata n'umwe bari bararonse kumara imyaka amajana ane, none ng'Uyo Yari kw'isi, akora ibimenyetso. Aho Yari "umuntu mwiza," abantu bose baramushaka. Ariko igihe ubutumwa bwakurikiye ico kimenyetso, ijwi... igihe Yicara umunsi umwe, akavuga ati: "Jewe na Data turi Umwe." Oo, bagenzi! Ico cari ikindi kintu gitandukanye. Ivyo ntibabishaka.

Kandi ivyo...isi n'uko nyene imeze, bagenzi, murabona. Ba...ikintu cose bashobora kuronka, nimba bashobora kucifashisha, murabona....ni igihe cose baba bumva kitababangamiye, emwe, bazogikora. Ariko iyo hageze yuko bategerezwa guhindura ivyiyumviro vyabo ku bintu, aho ni ho ingorane zica zaduka.

13 Ubu rero murabona, turiko twubaka inyubako, atari urukuta. Abubaka bishakira gufata umurongo wo w'amatafari hanyumababandanye bubaka gusa. Rero umwubatsi wese ivyo arashobora kuvyubaka. Ariko bisaba umuhinga wa nyawe kugira ngo yubake ikeri, murabona. Iyo utegerezwa gukata mw'ikorosi, ico ni co gihe bisaba...bica vyereka yuko uri u... umuhinga wo kwubakisha amabuye mu mfuruka canke ko utari we; iyo ushoboye gukata ikeri hamwe na yo, hanyuma ukabandanya wubaka n'izindi mpande zisigaye z'inyubako, ariko nukate mw'ikeri. Rero kur'ayo makeri ni ho ingorane zica zaduka. Abubatsi bashaka kuguma biyubakira babandanya. Gusa twebwe ntituriko twubaka urukuta; turiko twubaka inyubako.

Rero mu gihe twegereje ibi, muri iki gitondo, munsengere, nanje ndaza...nama ndabasengera. Noneho, reka twunamike imitwe yacu akanya gato mu Nyonga za Yehova ahambaye, Imana. Kandi turatahura ukuba tutihagije kwacu; twese uko tungana. Kandi ntituri bamwe hano ariko turafise ivyo dukeneye. Kandi ndabaza, mu gihe turiko turasenga, ko nimba hari n'umwe muri mwebwe afise umutwaro w'umwihariko?

14 Murazi, Mana itagira iherezo, nk'uko nabivugiye hano i Phoenix ejo bundi muri ca gikorane cabera aho hepfo aha....Ni nk'imboneshakure, biraza, Kristo ari hano nyene mur'iyi nyubako aka kanya nyene. Murabona, ukwinyiganza kwose mugira, igihe cose mukubise urugohe, ntibizokwigera vyibagiranwa. Biguma kumbure ari imipfunda mu kirere. Imboneshakure si yo ikora ivyo. Iba bufate gusa uwo mupfunda wanyu, hanyuma ikawerekana ku rubaho rwayo. Ukwo biri kwose bir'aho. Vyahoze bir'aho. Ukwinyiganza kwose uzokwigera ugira kuzokwama ari kuzima, mu kirere. Ubu rero, urabona ico tugiye kuba mu rubanza?

Rero, Imana iri hano mur'ubwo buryo nyene. Ntituyibona, nk'uko tutaba tubona ayo mashusho y'imboneshakure. Bisaba umuyoboro kanaka canke umuhora w'ikintu runaka kugira ngo ukwege ufate iryo jwi, maze ukerekana ku rubaho rw'imboneshakure ayo mashusho n'ibindi. Ivyo vyari hano igihe Adamu yari kw'isi, ariko twaravyubuye. Imana iri hano muri iki gitondo. Kandi umwe wo mur'iyi minsi, muri bwa Bwami bw'Imyaka Igihumbi, tugiye kuzotahura. Bizoba ari ivya nyavyo kuruta imboneshakure canke ibindi bintu, yuko Yari iri hano nyene mur'iki gikorane kano gatondo.

Noneho mu gihe tu...kuri ico ciyumviro nyene, nugumize ku muzirikanyi yuko ufise ico ukeneye, hanyuma uyidugirize ikiganza. Muri bubikore? Nimuvuge muti: "Mwami, ..." Kandi mu mutima wawe, niwiyumvire kur'ico ciyumviro.

15 Kano kanya, Data wo mw'Ijuru, ubu ni bwo buryo bumwe gusa bwo kwegera dufise, ubwo na bwo ni inzira y'amasengesho. Kandi tuje mw' Izina ry'Umwami Yesu. Iryo Zina ntitubereye no kurihumeka, kurikoresha. Ntitu...ntibisigura yuko duca twibwira yuko tubereye, ariko ni kubera yuko twatumiriwe kubikora. Kandi ibi kubimenye, yuko Yavuze ati: "Nihagiara ico musaba Data mw'Izina ryanje, nzogikora." Kandi turi...hamwe ukwizera kwacu gushoboye guhagarara kur'ivyo, ico Ijambo ryiwe riri n'Uwo We ari We, mw'ico gihe tuba tuzi neza dushize amanga yuko turonka ivyo dusaba. Wabonye imitwaro yose.

Wabonye ikiganza canje. Urazi uwanje umutwaro.

Kandi Data, ndasengeye umwe wese muri bo, yuko ibintu vyose bakeneye...Mwami, sinizera yuko umugwi w'abantu nk'aba bosaba ikintu kitari ciza. Vyoba ari kubw'ikintu kanaka kugira ngo ubwami bwabo butere imbere, bishobora kuba ari ibijanye n'ugukira kwabo; kandi mu gukora ivyo, boba bashaka...canke ugutahura kwabo bwite. Boba bashaka ivyo kugira ngo bashobore guteza imbere ubwami bw'Imana.

16 Kandi ndasenga, Mana, kugira ngo umutwaro w'umwe wese wishurwe. Hezagira rino shengero, umwungere waryo, abunganizi baryo, hamwe n'abadiyakoni, abazezwa-bintu, abayoboke baryo bose, abashitsi, abanyamahanga. Si abanyamahanga, Mwami. Twese turi abana bawe kubw'ubuntu no kubwa Kristo. Kandi turasavyye ngo kano kanya uze kuduha Umutsima w'Ubugingo muri iki gitondo, kugira ngo tuze kuva hano dutahura yuko ivyo twasavyye twabihawe.

Hezagira Ijambo, Mwami, mu gihe ngiye kurisoma. Nta muntu afise ubushobozi canke ahagije kugiara ngo asobanure iryo Jambo. Yohana yabonye Igitabu mu minwe y'Iyari ivyagiye kuri ya ntebe y'ubwami, kandi haba mw' ijuru, canke kw' isi, canke i kuzimu, nta muntu n'umwe yari abereye no kuraba ico gitabu. Ariko umwe mu bakuru aravugaati: “Ehe Intare yo mu muryango wa Yuda yaranesheje.” Yohana, yaciye yitegereza kugira abone iyo ntare, aca abona Umwagazi w'Intama wakerewe, uwo Mwagazi w'Intama ujojota amaraso, uca uraza hanyuma wabira ico Gitabu, wurira kur'iyo ntebe y'ubwami maze uravyagira. Maze abahambaye bose bo mw'Ijuru bambura amakamba yabo ku mitwe barunama, kandi bamenya yuko We Yari abereye.

Mwami, turasavyye ngo aze kuza ku ntebe y'imitima yacu muri iki gitondo. Nuhaguruke maze wigarurire ivyiyumviro vyose dufise, hanyuma ufate Ijambo maze uvugane natwe kugira ngo dushobora kumenya vyinshi kuri We hamwe n'imigambi yiwe mu buzima bwacu. Ibi tubisavyye mw'Izina rya Yesu. Amen.

17 Kano kanya, nimba mwifuza kuzingurura muri Bibiliya ku...Icanditswe tugisanga muri Matayo Mweranda ikigabane ca 21, hanyuma turahera ku... ndibaza dusoma umurongo wa 10 n'uwa 11 w'ikigabane ca 21 ca Matayo. Mube abantu beza, nimwataha muhira, nimba mutari bwabikore mur'iyi minsi mikuru, nimba mwosoma iki kigabane cose. Ni vyiza cane. Vyose ni vyiza. Ibi ni ivy'umwihariko na canecane kubwa kino gihe, hamwe n'ubu butumwa ubwo nizera yuko Mpwemu Yera aza kunyemerera ngo ndabubazanire muri iki gitondo.

Nimwitegereze umurongo wa 10 mu gihe dusoma, na 11:

Ashitse i Yerusalemu, igisagara cose kirashwabaduka, barabaza bat' Uyo ni nde?

Abo mw'ishengero barabishura bat' Uyo ni Uvugishwa n'Imana, Yesu w'i Nazareti i Galilaya.

Rero ivyo... Imana yongere kw'Ijambo ryayo insobanuro y'iri somwa ry'iki Canditswe.

18 Ubu rero turazi ko iki ari co gihe, kandi benshi muri mwebwe muramenyereye ivyanditswe vy' iki kigabane. Ni ku...mu vyukuri umunsi Kristo yinjiye i Yerusalemu, agendera kur'iyi nyana y'indogoba ntoya. Rero tu....Hariho inkuru imwe ivuga ko, “yari indogoba yera.” Noshobora kuvyiyumvira, mu kigereranyo ca kwa Kuza kwiwe kwa kabiri ari kw'ifarasi y'intambara. Ico gihe, umuvugishwa yavuze ngo: “Yokwuriye...Umwami wawe akugendeye ari ku nyana y'indogoba, aciye bugufi kandi yoroheje.” Ukwo ni ko yaje kandi...ku ndogoba ntoya, ku gitwazi gitoya c'imitwaro. Ariko ubutaha agarutse avuye mu bwiza (mu kigabane ca 19 c'Ivyahishuriwe Yohana), Aza nk'Umuneshi ahambaye. Imyambaro yiwe yajobetswe mu maraso, yicaye kw' ifarasi yera, maze ingabo zose zo mw'Ijuru ziramukurikira ziri ku mafarasi yera. Kandi iyo nkuru (ntisangwa mu vyanditswe canke muri kahise)...Ariko iyo nkuru ivuga yuko yari yicaye ku ndogoba yera igihe yinjira i Yerusalemu.

19 Noneho ko nahisemwo ibi...biracari...ni kubera yuko turi mu gitutu ca... mu minsi ya Noheli, be n'Umwaka Mushasha; impera y'umwaka wa kera, no kwinjira muri mushasha. Iminsi mike uhereye none, abantu benshi bazozingurura impapuro nshasha, bakore ibintu bishasha bongere baragane indagano gushasha; aho rero ni intango y'umwaka mushasha. Gusa kuri jewe ntivyigera bisa cane nka Noheli. Sinzi impamvu, buri gihe nkunda kuvyita “Umunsi wa data Noheli.” Murabona? Kubera yuko nta kintu gihambaye vy'ukuri...

Ntiwoshobora kuba wari wo munsi w'ukuvuka kwa Kristo. Mu vy'ukuri ntivyari gushoboka na gatoya. Yategerezwa kuvuka muri Ntwarante canke muri Ndamukiza, kubera ko yari Umwagazi w'Intama. Kandi Yari impfizi y'intama, kandi yavukiye munsi y'ikimenyetso c'impfizi y'intama, ikimenyetso c'impfizi y'intama. Vyategerezwa kugenda ukwo, murabona. Kandi intama ntizivuka muri Kigarama n'ubwo vyomera gute. Intama zivuka mu rushana. Hanyuma ikindi na co, imisozi y'i Yudaya mw'ico gihe iba iriko ibibarafu kugera ku burebure bw'imetero zitandatu. Ni gute abungere bari kuba bari hariya hanze?

20 Rero mu vyukuri bizanana mu migani y'Abaroma, uwo ukaba wari umunsi w'ukuvuka kw'imana-zuba. Uko izuba ryagenda rirengana, imirango yagenda iba myinshi, amajoro akaba magufi. Hanyuma hagati

y'igenekerezo rya 20 na 25 Kigarama yaba ari isabukuru y'iyo mana-izuba, mu migani y'Abaroma. Hanyuma rero imana zabo...Hanyuma rero baca bahimbaza isabukuru y'imana-izuba. Konstantino na we mu gushiraho ibwirizwashingiro ry'Ishengero hamwe na Reta n'ibindi, yavuze ati: "Tuzobihindura (atazi ico uwo munsi wari) maze kur'iyo sabukuru y'imana-zuba tuhashire, tubigire: Isabukuru y'Umwana w'Imana," murabona. Ivyo na vyo...ariko ntituzi umunsi nyawo uwo ari wo.

Ariko ubu, ivya Kristo vyinshi vyarakuwemwo, kugeza aho vyose...bamwe bongeye kugaruka ku migani y'icaremwe runaka cabayeho, bagiha izina ry'Umweranda Nikola canke Kriss Kringle, imigani imwe y'Abadagi. Kandi vyose ni imigani gusa, kandi ivyo Kristo ntavyo arimwo habe na gato.

Hanyuma abantu bahindukiriye kugura za wisiki, no gukina urusimbi, n'imideri. Kandi umuntu... umudandaza ashoboye kugurisha ibicuruzwa vyiwe mu gihe ca Noheli ashobora hafi kubaho umwaka wose, murabona. Ni iminsi idasanzwe y'uburuhuko yo kudandarizamwo. Hanyuma abana bato b'abakene ukaza ubabona mu mabarabara; abavyeyi babo batashoboye kubazanira amakado nk'aho yoba yavuye kuri data Noheli, ukaza ubabona mu mabarabara, n'amaboko acafuye, amaso na yo yarunguriye. Ivyo bintu ndanka kubibona mw'ibarabara bintumbereye. Wategerezwa kuba umunsi wihariye wo gusenga Imana, aho kuba uwo kubabaza umutima no kumeneka umutwe hamwe n'ivyo bindi bintu bikorwa. Nta kintu na kimwe kijanye Kristo kiri mur'ivyo. Ariko turi neza na neza hagati y'ibi vyose na none.

21 Twisanga na twebwe nyene turi mu vyi bindi nyene barimwo kiriya gihe. Murabona, ubu hoho biriko vyerekeza kuba ibirori biteye ubwoba. Yesu yari aje ku munsi mukuru wa Pasika. Rero yari yinjiye i Yerusalemu...nako yariko arinjira i Yerusalemu. Kandi ubuvugishwa bw'ibintu vyose yakoze bwategerezwa gushika. Ikintu cose kiri muri Bibiliya kirafise ico gisobanura. Izina ryose rirafise ico risobanura. Nta kintu na kimwe canditswe mu Vyanditswe kidafise insobanuro yimbitse.

Umugoroba umwe navugiye i Tucson, kuri Kubera iki Bategerezwa Kuba Abungere Aho kuba Abanyatewolojiya? Yavukiye neza na neza aharabana n'ishengero. Hanyuma Mpwemu Yera aca aragenda mu bugaragwa ahitana, atari abanyatewolojiya, ariko abungere. Vyategerezwa kumera gurtyo. Abanyatewolojiya ntibari kwizera ubutumwa mwen'ubwo. Rero bo...bategerezwa kuba ari abungere.

Narigishije ubutumwa hano, mu myaka mike ishize (hashize imyaka ibiri), "Kuki yari, yategerezwa kuba Betelehemu ntoya?" Umwami abishatse, Noheli itaha, nshaka ko tuzokwigisha kuri, "Kuki Bategerezwa kuba ari ba banyabwenge?" Izi "Kuki" - zirafise inyishu zazo, kandi ziri hano nyene muri Bibiliya. Kandi turi mu gihe ciza cane, igihe gihambaye mu bihe vyose. Tubaye mu gihe c'aho, umwanya uwo ari wo wose igihe gishobora guhagarara, hanyuma Ibihe Bidashira bikarumana na co neza hanyuma bigaca bibandanya. Ibihe abavugishwa n'abanyabwenge bose bari barindiranye igishika cinshi...Buri saha twategerezwa kuba turi magabo, tureretse Ukuza kwiwe.

22 Twisanga twebwe nyene, kuri iyi Noheli, twakoze nk'uko na bo bakoze kuri Noheli ya mbere. Isi iri hafi gushwanyagurika. Nk'uko nigishije igihe kimwe, ahantu hamwe, ku butumwa bwa Noheli, Isi Iriko Irashwanyagurika. Kandi isi yongeye kwegereza kuba hafi ubunywenywe. Nimurabe za nyamugigima hiyo hakurya muri California. Ndabivuze bitaraba, imbere yuko Umwami Yesu agaruka, yuko Imana izorohamisha harya hantu. Nizera yuko Hollywood [Uruganda rw'amareresi n'imideri] na Los Angeles, hamwe na birya bibanza biriyo vyanduye, yuko Imana Mushobora vyose izobirohamisha. Bizokwibira bije mu nda y'ikiyaga. Kandi murabona ivyaha vyabaye umurengera, ni akarimbi.

Iterambere ryafashe urugendo hamwe n'izuba, kuva mu...ryatanguriye i burasirazuba, rigenda ryerekeza i burengerazuba. Noneho ubu rigeze ku Nkengera y'uburengerazuba. Niryagera kure, rizosubira i burasirazuba. Rero ako ni akarimbi. Kandi n'icaha na co nyene cafashe urugendo hamwe n'iterambere, kandi ubu hoho cahindutse igikabije mu bihe vyose. Ibintu bakora nta biremwa-muntu vyari kwiyumvira gukora ibisa na vyo mu kindi gihe na kimwe. Abagore baritaye mu mwanda uri hano, ku buryo ata mugore n'umwe wo mu gihe na kimwe yoba yarigeze kwiyumvira ku kintu nk'iki nk'uko tubikora uyu munsi. Kandi rero ga bakaguma biyita Abakristokazi. Mbega umuvumo!

23 Ntibitangaje kubona umuvugishwa ahambaye yarahagurutse, akavuga ati: "Si ndi umuvugishwa canke umwanya w'umuvugishwa, ariko ...." Avuga ati: Intambwe yivuze, ni nde atotinya? Kandi Imana yavuze, ni nde atovugishwa? (Murabona, hari ikintu kanaka gitegerezwa guhamagara.)

Tugeze mu gihe c'isaha idasanzwe; aho ni ho isi igeze. Ariko Ishengero, rya Shengero ry'ukuri (atari idini); ariko Ishengero, ubwaryo, ryiteguriye intsinzi ihambaye yigeze kubaho: ukuza kw'Umukwe ku Mugeni.

Turiko turatatana, turondera mesiya umwe, ikintu co kuza kudukiza, kidukure mur'ibi vyose. Turitegereza...ingorane hiyo mu burasirazuba. Turitegereza imyiyerekano muri Afurika, n'ingorane z'amoko, kwiyunga, hamwe n'amacakubiri. Twese twarahuzagiritse twongera duhurira hano, nta gihe kirekire giheze (ba bagenzi bacu b'abirabure) ku vyerekeye ngo: "Dutegerezwa kuronka, dutegerezwa kuronka uburenganzira bw'ukudakumirwa. Ico ni co dukeneye. Dutegerezwa kudakumirwa; abantu bose bangane; umuntu wese...." Ivyo ni vyo koko. Ivyo vyose ni vyo koko. Sinemeranya n'ibijanye n'ivyo kugira abandi

abaja. Uhereye ubwa mbere na mbere abantu ntibari abaja b'abandi. Si abaja.

24 Imana iravangura. Eka na jewe nyene. Umukristo wese uwuvangura. Imana iravangura abantu bayo ikabakura mu bandi bose. Buri gihe hamye hababo ukuvangura. Yarahisemwo ihanga. Yarahisemwo abantu. Ni Iyivangura. Ni yo Yaremye amahanga yose. Ariko na none, Umukristo nyawe ategerezwa kuba uwuvangura, akitandukanya n'ibintu vyose vy'isi, hanyuma akaza ku ntego imwe rutende: Yesu Kristo.

Ariko barabihakana. Naragerageje kubabwira nti: "Ico si co kintu kizokiza igihugu cacu. Iyo ni integuro ya politike gusa. Ni ikintu ico abakoministe ari bo bari inyuma yaco." Ndibaza yuko Martin Luther King agiye kuyoborera abantu biwe mu bwicanyi bw'agahomerabunwa, n'imihindigiti batari bwigere binjiramwo. Kandi bo...Mrabona, ivyo ntibigiye gushira isi hamwe. Ivyo ntibizodukiza. Turabaha ukwemerwa nk'abandi. Kandi ubu ni bibi kuruta uko vyari bimeze ubwa mbere. Murabona, ivyo si vyo... ikibazo si ico. Hari ikintu kimwe gusa kibishoboye: iyo ni Imana. Gusa rero na bo ntayo bashaka.

Kirya gihe ntayo bashaka. Bariko barashwanyagurika, politike zabo zariko zirashwanyagurika, ibihugu vyabo vyariko birashwanyagurika, ishengero ryabo ryariko rirashwanyagurika, gurtyo rero bariko baraboroga basaba Mesiya. Bari bamukeneye. "Oo, turungikire Mesiya." Ariko igihe Yaza...

25 Imana yaratanze...irishura amasengesho yanyu. Mwarasavye, kandi muzoronka. Kandi ivyo...Aha noshobora kuhahagarara amasaha, ku bagabo n'abagore, mbere b'Abakristu, baba bariko barasengera ibintu kanaka; hanyuma Imana ikishura yamara ntibigere banabica n'ikanda.

Rero aho, Imana yarabishuye. Bashaka Mesiya. Bari bazi yuko bari bararonse ba Kayisari, bakagira ba Dawidi, bakagira ba Salomo (abantu b'abanyabwenge), bakagira ba Dawidi (abarwanyi b'abahizi bahambaye), bari bararonse ibintu vy'ubwoko bwose, ariko bari bazi yuko bategerezwa kuronka ubufasha buvuye mw'Ijuru kandi ba... Imana yari yarabasezeraniye Mesiya. Hanyuma iramubarungikira uwo Mesiya, nk'inyishu y' amasengesho yabo, ariko bo ntibamushaka.

26 Ndibaza, uyu munsi, nimba amasengesho yacu... Urabumva bavuga ngo: "Sengera umuvyuro udasanzwe. Sengera ibi. Sengera icukumburwa. Sengera ukunywana." Ndibaza, hamwe Imana irungitse integuro nk'iyo nimba twoyemera. Gusa ndibaza nimba twokwemera ivyo iturungikiye. Murabona, Yo...Impamvu dusengera ibi bintu...ni kubera tuzi yuko bikenewe. Ariko iyo Imana ibirungitse mu buryo Yoyo ishaka gusa bukaba budahuye n'uko twebwe tubishaka, kubw'ivyo ntituba tukivyakiriye. Kandi uko ni ko vyari bimeze kirya gihe. Nimba atari ahuje n'uko imyizerere yabo yari imeze, n'intuze zabo...N'uyu munsi ntibomwakiriye. Ni yo mpamvu babajije iki kibazo, ngo: "Uyu ni nde? Uyo muntu aje ni nde?" Murabona, cari igihe kidasanzwe. Oo, abantu bose bari mu ruhagarara. Hariho ikintu cari cimirije gushika.

27 Na none nimurabe isi uyu munsi, mbega uruhagarara isi yose ibayemwo. Umanukanye ibarabara...ntiwohava unyonga imodoka utekanye. Nta mutekano uhari kuri ya mabarabara ane abangabanganywe. Abantu bose bari mu ruhagarara, bari magabo...Hari ingorane nyabaki? Nimutekane. Mugiye hehe? Ivyo ni vyo bituma ibigo vy'abasazi vyuzura. Ivyo ni vyo bituma ishengero rihungabana. Ni intagondwa amazosi ku kintu kanaka. Ntibazohagarara ngo bafate nkama Ijambo ry'Imana, be n'igihe tubayemwo; vyose biri mu muruho, uruhagarara.

28 Noneho, turabizi. Turabizi. Isi iramaze guca mur'imwe mu mibabaro yo kuramukwa idasanzwe. Kandi n'Ishengero ririko riraca mu mibabaro kanaka yo kuramukwa. Ryategerezwa guca mu mibabaro kuramukwa imbere yuko ritanga...Umwe wese mu bavugishwa, igihe baba baje kw'isi, waba ari umubabaro wo kuramukwa kw'ishengero. Isi yaraciye mu Ntambara ya Mbere y'Isi Yose, Intambara ya Kabiri y'Isi Yose, none ubu yiteguriye Intambara ya Gatatu y'Isi Yose. Kandi uwo ni uwundi mubabaro wo kuramukwa. Ariko hari ikintu kimwe gusa gishobora kuzana amahoro, ico na co ni Kristo.

Integuro zacu zose, n'ivyiyumviro vyacu, hamwe n'inyubako zacu zo gusengeramwo twubatse, na za politiki zacu zose, hamwe n'ubushakashatsi bwacu bwose n'ibindi vyose, vyagaragaye yuko ari ubupfu. Hanyuma dusenze Imana tuyisaba ngo ize idufashe, kugira ihaseruke, tuvuga ngo: "Ngwino ugire ico udukoreye." Maze iyo ibikoze, ndibaza gusa nimba twobasha no kubitahura; nimba twobasha no kuvyakira; buryo twonabishirako umutima?

29 Rero burya ivyo nyene ni vyo vyakozwe kera muri birya bihe vyabo. Barasenga, bakagira abayobozi bahambaye b'ubwoko bwose, bararonka ubutegetsi bwaja ku ngoma, bararongorwa n'ibintu vyinshi, abacamanza. Ariko bari bazi yuko hari ikintu kimwe conyene gishobora kubakiza, ukwo kwari ukuza kwa Mesiya. Kandi Mesiya bisobanura "uwasizwe amavuta." Ikiremwa-muntu gisizwe amavuta. Noneho ikiremwa-muntu casizwe amavuta n'Ijambo. Ijambo ryahindutse umubiri hagati yacu. Rero amaze kuza, ntiyari ameze neza na neza nk'uko bo bamushaka; ntikwari ukwo bo bari bashaka...ingene Yategerezwa kuza. Nuko rero baca batangura gusemerera babazanya bati: "Mbega uyu na We ni nde? Urwo rwamo ni urw'iki? " Umugwi w'abanyagihugu bari epfo kw'irembo, baca bahanyagura amashami y'ibigazi...

Umuntu umwe aca avuga ati: "Hemwe, nimubacecekeshe. Bariko baradutera uruhagarara, ukwo kuntu bavuza induru, kandi bakaguma batera urwamo."

Na We abishura ati: "Hamwe bacecetse, ubu nyene ayo mabuye aca akoma induru."

30 Oo, mbega cari igihe nyabaki! Ubuvugishwa bwariko burashika. Ntibitangaje! "Intare irivuze." Yavuze ati: "Ni nde atotinya? Kandi Imana yavuze, none ni nde atovugishwa?"

"Oya, nimba atari ameze ukwo twebwe tubishaka... Nimba atari ameze ukwo twebwe tumushaka, ukwo twebwe twiyumvira yuko Yategerezwa kuza, ntitwomwakira." Kandi rero imyizerere yabo ni yo yabakuye kw' Ijambo ryanditse. Bari kure cane, barananiwe kumumenya uwo barasengeye ngo aze. Amashengero yabo yari yarabashikanye kure cane, gushika n'aho ikintu nyene bari barasengeye cari kumwe na bo neza na neza, gusa nticari gihuye n'uko bo bashaka, kubw'ivyo ntibari bashoboye kucizera. Vyabaye ngombwa ahubwo ko bacegerwa kure. Baciye bacirukana. Hariho ikintu kimwe gusa ushobora gukora iyo uhuye na Kristo. Ico na co n'uko mwo kimwe umwakira canke ukamutera akagere. Ntushobora na mba kuba ntaho mpagaze. Ivyo ntavyo ushobora. Si ahawe kubikora. N'uko nyene bimeze.

31 Gusa nimurabe neza ukuntu ari bake bamenye yuko Yari We Jambo risizwe amavuta ry'uwo munsi. Murabona Imana mu ntango, mu kuba itagira iherezo, Yari izi ibintu vyose uhereye mu ntango... Kandi ikintu conyene ivyo bintu biri ni ukugaragaza kw'ivyari biyigize. Ikigize ikintu...Murafise ibibagize. Ni ivyiyumviro vyanyu. Wiyumviriye ikintu, hanyuma ukakivuga, hanyuma ukagifata. Iyo ni Imana. Yo, mu ntango...Nimba muri...Nimba warigeze kuba wahozeho, canke ukaba uzoba mw'Ijuru, nuko uhereye ubwa mbere wahozeyo. Uri agace k'Imana. Wari iciyumviro cayo. Yari izi izina ryawe. Yari izi uwo wari we imbere yuko hanabaho n'akavunguka k'ikintu na kimwe, imbere yuko umuco ubaho. Imbere yuko habaho ikintu na kimwe, yarakumenye imenya n'izina ryawe, hanyuma irishira muri ca Gitabu c'Ubugingo ca wa Mwagazi w'Intama imbere yuko isi ibaho. Murabona, mwari iciyumviro cayo. Hanyuma mu nyuma muhinduka ijambo. Kandi ijambo na ryo ni iciyumviro gishizwe ahabona. Aho rero muba mugaragajwe.

32 Ukwo ni ko Yari imeze. Mu ntango Yari yonyene. Imana yari ibayeho iri yonyene hamwe n'ivyiyumviro vyayo. Ivyo ntizosubira kubikora kubera ko ivyiyumviro vyayo biriko biragaragazwa. Ni co gituma rero turi hano uyu munsi...ni Imana iriko iragiriranira isangira n'ivyiyumviro vyayo biriko biragaragazwa. Murabona? Ni ho twibereye. Rero mwebwe, ntimwoshobozwa n'amaganya kwisumvya ukwo mwareha n'ukuboko kumwe. Ntimushoboye gukora ibi, birya, canke biriya. Ni Imana igaragaza imbabazi. Ni Imana. "Abo Data yampaye bose bazoza kuri Jewe, kandi nta muntu ashobora kuza keretse Data amukweze." Ivyo birangiza ikibazo.

33 Noneho, nimumenye neza, ni bangahe bakeya muri bo mu gihe ciwe, muri ya mamiliyoni yari kw'isi, batigeze banamenya yuko Yari hano. Nimwiyumvire gusa, hari hariho uruhaga-...amamiliyoni y'abantu batigeze bagira n'ico babimenya. Kandi wiyumviriye ku Bisirayeli muri kiriya gihe, muri Palesitine hari hariyo imiliyoni zibiri n'igice, z'Abisirayeli, yamara nta n'abantu ijana muri bo bigeze babica n'ikanda. Ntibitangaje kubona Yaravuze ati: "Ni irembo ripfunganye, kandi ni inzira yaga, ariko abazoyibona ni bake." Nimwiyumvire ukuntu benshi batamumenye! Ntibamenye yuko Yari We, yamara bakaba bari banari hafi yiwe; ivyo birababaje cane.

Baragendana na We, bakamubona mu nzira, n'ibindi...ntibamenye uwo Yari We, kubera Satani yarakoze ukwo ashoboye ku buryo Agira izina ribi cane rishobora guhabwa umuntu. Isi yamwita (isi isanzwe)...Bamwita ikivyarwa (kubera bavuga yuko "nyina, uwategerezwa kuba nyina wiwe biciye kuri Yosefu, yamusamye inda imbere yuko yabirwa"). Gurtyo bituma ahabwa izina ry'ikivyarwa.

34 Kandi na none, ishengero rica rimubona mu bushobozi bwiwe buhambaye bwo kwigaragaza. Agaragaza iki? Atari kugaragaza za nemera! Yariko aragaragaza Ijambo! Yari Ijambo risizwe amavuta, We nyene ubwiwe. Ivyo babibonye biriko birashika, ukwo kwigaragaza, uwo Mesiya asizwe amavuta, baca babitera umugongo. Ntavyo bashaka. Ntivyari bimeze nk'uko bo bashaka. Ivyo birababaje cane. Ni bangahe...Nimuvyiyumvireko gusa! Ukuntu vyari bimeze mu bindi bihe.

Murabona, umwe wese muri bo yari yifitiye insobanuro yiwe bwite y'Ijambo. Ivyo ni vyo...ni co Abisiraheli batamenye Mose. Ni co gituma isi itigeze imenya Nowa. Ni co gituma abavugishwa bose batabamenya. Baba bifitiye insobanuro zabo bwite z'Ijambo. Ariko Imana muri buri gihe, yaragize mesiya wayo. Gutera akagere ubutumwa bwa Nowa, kwari gutera akagere Imana. Gutera umugongo Nowa, kwari ukuranduka. Kwanka Mose, kwari ukuranduka. Vyari... Bari ba mesiya basizwe amavuta kubw'ico gihe, Ijambo ryasezeranywe kubw'ico gihe. Kandi igihe Yesu yaza, yari ukunengesera kw'Ijambo.

Imana ubwayo, yarahindutse igihagararo c'umuntu afise amagufa n'inyama; uwasizwe amavuta. Kandi ivyo bari bakwiye kubibona. Ariko murabona, ishengero ryabo ry'isi ryari ryarongeyeko hano, rikurako na hano n'ibindi, kugeza y'aho vyononekara maze bagera y'aho bizera ishengero ryabo mu gishingo c'Ijambo. Hanyuma igihe babona ishengero ryabo risizwe, noneho baca bibaza yuko hari ikintu kanaka gihambaye cari cimirije gushika. Ariko igihe babona Ijambo risizwe amavuta, aho hoho baciye bavuga bati: "Ako ni akaguma. Uyo Muntu ni idayimoni, Beyezebuli." Kubera yuko vyari binyuranye cane n'intuze y'ishengero ryabo gushika aho...na za nemera z'ishengero ryabo n'ivyo bari barakoze. Kandi uko ni ko vyaba bimeze mu muzo wose w'umuvugishwa, ishengero ryaba ryarononekaye.

35 Imana yarabarungikiye ivyagezwe vyayo yongera ibaha isezerano. Hanyuma abaherezi baraza bagakurako, bakongerako, bagakurako hano, bagaca babikuramwo nemera. Hanyuma, Imana yaca ihagurutsa umuntu ata n'uwamenya iyo azananye, umuntu kanaka asizwe amavuta yahagurutswa mu bushobozi bwa Mpwemu. Kandi na ntaryo yama yankwa n'abaherezi be n'abami. Kandi aho abavugishwa b'ibinyoma bambara impuzu zabo nziza, bakagenda buhorobuhoro bicishije bugufi mu bami n'abaherezi, kugira ngo bironkere amazina ya rurangiranwa n'ibindi. Mw'ico gihe, umuvugishwa nyawe wukuri, yaca aseruka ata wuzi iyo azananye, adaturutse mu madini yabo.

Ni hehe muri Bibiliya, aho Imana yigeze ifata umuherezi ikamugira umuvugishwa? Ni hehe Imana yigeze ifata umuhanga w'umunyatewolojiya (umuntu wahawe imyimenyerezo, umuntu w'umunyatewolojiya yahawe imyimenyerezo) ngo imugire umuvugishwa? Nta na rimwe muri kahise k'ahantu hose, aho Yigeze ibikora, habe mu gihe na kimwe, aho Yigeze ibikora. Ategerezwa kuja kure ya mwen'uwo mukorere, hanyuma akabona kuza. Kandi ivyo ni vyo Yari yakoze hano.

36 Yesu, igihe yavukira i Betelehemu h'i Yudaya, mu muryango ukenye, kandi nta karonda yari afise nk'uko na bo babisanze, gusa umwe wo mu muryango wa Yuda, kandi nyina na se bakomoka mu muryango wa Dawidi; rero bategerezwa kuduga kugira ngo batangishwe ikori. Ng'Uyu rero hano, Umusore akiri muto, hafi...nta kindi Yakora kiretse gushwanyagura amashengero. Nuko baca baramuzinukwa. Kandi nta kindi bashobora kuvuga kiretse ivyo uwo Muntu yakoze bitangaje. Ivyo Petero yarabivuze ku munsi wa Pentekote, yagize ati: “Yesu, w'i Nazareti, Umuntu yemejwe n'Imana hagati yacu, yuko Imana yari kumwe na We.” Atari kwongerako kw'Ijambo ryiwe canke ikindi kintu; kubitomora neza: “Yari Imana yambaye umubiri yari kumwe natwe. Imana iri kumwe natwe. ”

37 Wa mugoroba wundi, navuze yuko Mose, yari ahagaze harya yashize ukuboko ku gikiriza—iyo yari Imana muri Mose yariko ishira amabanga mu mutima wiwe—amaze kugukurayo, kwari kwashesheko imibembe. Hanyuma agusubizayo maze kurakira, mu nyuma Yarakuturamvuriyeko igihe Yarungika Mpwemu Yera; uwo na We akaba yari Imana, na none, mu yindi mero gusa ku munsi wa Pentekote. Kandi turamutera akagere. Ivyo ntitubishaka. Ukwo ni ko bakoze ico gihe. Ni ko na twebwe dushobora kuba turiko turakora uyu munsi.

38 Turabona, umuntu wese afise insobanuro yiwe. Ni co gituma biteye urwijiji rwinshi. Ariko murazi, Bibiliya yavuze yuko iri Jambo ridashobora gusobanurwa uko umuntu avyigombera. Ntirikeneye insobanuro y'Umuperesipiteriyano. Ntirikeneye insobanuro y'Umubatiste. Nta nubwo rikeneye insobanuro y'Umupentekote. Imana ni yo iryisobanurira. Yavuze yuko yobikoze, gurtyo irabikora gusa, kandi ivyo birangiza ikibazo. Iyo ni yo mpamvu rero babona Ijambo ry'isezerano risizwe amavuta hanyuma mw'ico gihe ntibashobore kuryakira. Murabona, kuko binyuranye n'imyizerere yabo.

39 Ukwo Mesiya wasizwe amavuta yobaye asa, n'ivyo yokoze; vyari kure cane y'intahuro yabo. Kandi n'igihe babisomerwa mu Vyanditswe, ivyo Yokoze, n'aho nyene ntavyo batahuye. Kubera igihe ba banyabwenge bamanuka bavuye i Babuloni, bari bameze nk'amajaruguru y'uburasirazuba uvuye i Yerusalemu, batereza amaso epfo babona ya Nyenyeri yabarongora iteye igana i burengerazuba. Bari bayikurikiye kumara imyaka ibiri, bamanukanye ku ruzi rwa Tigre, bararujabuka, baca mur'iyo myonga n'i Shinari, baramanuka; bashika ku gisagara gikuru c'amadini yose. Idini rikomeye kw'isi, mu rusengero, i Yerusalemu. Batangura kuduga bamanuka mu mabarabara babaza bati: “Ari hehe? Uwo Mwami w'Abayuda yavutse ari hehe?” Erega, nta n'umuntu n'umwe yari afise ico abiziko! Vyari bitangaje.

40 N'abanyekombe vyarabumije...baca bahamagara abanyabwenge b'Ivyanditswe hanyuma bababwira bati: “Dusomere mu Vyanditswe aho Mesiya...”

Baba bararondera, babona Icanditswe, basoma muri Mika aho yavuze ati: “Muri Yudaya, Betelehemu h'i Buyuda, mbega nturi muto mu baganwa bose? Ariko muri wewe ni ho hazozanana uyu Mukuru.”

Murabona, aho kubigendereza ngo babitohoze, bari babaye bubishiburire hiyo, bavuga ngo: “Emwe, ni umugwi w'abanyakaguma” murabona. Ni co gituma barya abungere bashikiriwe na burya butumwa. Murabona, ntibari...Bari bifitiye insobanuro zabo bwite, kubw'ivyo, baba barahushije Ikintu nyaco c'ukuri.

41 Ariko nkuko bisanzwe, iyo aje, aza neza na neza nk'uko Ijambo riba ryaravuze ko yoje. Yarinjiye neza na neza mur'ico gisagara, mu gisomwa cacu muri iki gitondo, mu buryo nyene Ijambo ryavuze yuko yoje. Hanyuma baca babaza bati: “Ni nde?” Murabona ico nshaka kuvuga? Bategerezwa kuba baramenye uwo Yari We. Kandi hano...atari abo hanze, ariko ishengero ry'isi ryabajije riti: “Ni nde? Uyo ni nde?” mu gihe ng'aho Ivyanditswe vyari vyaravuze mu buryo butomoye ukuntu Yoje. Ni kwo guca babaza bati: “Ni nde? Uyo na We ni nde? Ivyo bishobisho na vyo ni ivy'iki? Nimukure induru ng'aho. Biriko biradutesha umutwe.” Murabona. Ikintu nyene bari barasebgeye cari hafi yabo, yamara ntibamumenye. Kandi Yaje neza na neza nk'uko Ivyanditswe vyavuga yuko yoje. Kandi hamwe abikoze uyu munsi, azoza nk'uko Ivyanditswe bivuga yuko azoza. Igihe cose yama aza mu buryo buhuye n'Ijambo ry'Imana, atari mu buryo buhuye n'ivyiyumviro bimwe vy'abanyatewolojiya.

42 Mbega hoho, mwari muzi yuko Ijambo ry'Imana ritigeze riza ku munyatewolojiya? Erekana

Ivyanditswe aho vyigeze bigenda gurtyo. Ijambo ntiriza ku banyatewolojiya; habe na mba. Ariko murabona, hamwe Ijambo rigaragajwe uyu munsi, Ijambo ry'igihe cacu, ryoba mu buryo bw'Ijambo ry'Imana. Atari mu buryo bw'iciyumviro c'umuntu kanaka. Imana yoca ifata Ijambo ryayo iryo yasezeranye kubw' uyu munsi, hanyuma ikarisiga amavuta, kandi ryoca rishika. Ni ivyo gusa. Nta buryo bwo kuribuza gushika. Rizoshika uko biri kwose, ivyo ishengero rivuga ntaco bivuze be n'ivyo abandi bose bizera. Imana izobikora uko vyogenda kwose. Hazobaho bake cane bazobimenya. Ukwo ni ukuri, bake cane gusa. Ukwo ni ko vyamye bimeze buri gihe.

43 Murabona, hamwe n'insobanuro zabo, nta kindi bari bashoboye gukora kubera yuko bari bishimikije ivyo ishengero ryari ryarababwiye. Ariko Yoje...Igihe cose yama aza...Ico Yakoze kirya gihe, ahubwo, kandi Yokwamye aza buri gihe, kandi ivyo akora vyose, bizoba biri mu buryo bw'Ijambo. Kubw'ivyo rero, ntidushobora gushira ivyizigiro mu vyo abandi bantu bavuga. Hariho ikintu kimwe gusa ushobora gushiramwo ivyizigiro, ico na co ni Ijambo. Kandi Ijambo ni Imana. Kandi Ijambo risizwe amavuta ritanga Mesiya; Ijambo risizwe amavuta ry'ico gihe. Mbega ukuntu ari vyiza! Barabihushije, Ijambo; ukuri... Baragize...Ijambo rihora na ntaryo ari ukuri, ariko bo insobanuro zabo vyari ibinyoma.

44 Ndibaza nimba iki kintu gikomeye, iyi Nama Mpuzamadini dufise kw'isi uyu munsi, hamwe n'Inama y'Isi y'Amashengero bigiye hamwe bitugira twese kuba umwe...Ndibaza nimba batahura yuko ari vyo koko Ivyanditswe vyavuze yuko bokoze. Ariko bibaza yuko ari ikintu ciza cane kw'isi, yuko twese dushobora kwifatanya na vyo maze tukaba umwe. Bavuga ngo: “Yesu yarasenze kugira ngo tube umwe.” Ukwo ni ukuri. Ariko atari kuba umwe mur'ubwo buryo.

Yavuze ati: “Nimube umwe nk'uko Jewe na Data turi Umwe.” Egome, kuba umwe mur'ubwo buryo. None rero ivyo bizogenda gute? Ijambo hamwe natwe vyoca biba Ijambo risizwe amavuta. Ubwo ni bwo bumwe bw'Imana. Murabona, ubumwe bw'Imana ni Ijambo risizwe amavuta muri wewe, murabona. Aho rero uba uhindutse umwana, mesiya w'ico gihe.

45 Ubu rero dusanga abantu ari bamwe. Abantu ntibahinduka. Abo bantu bari bagabanganijwe mu mice itatu. Ivyo reka tubisuzume mu minota mikeya kano kanya. Ndazi yuko ngiye kunyarutsa ngo simpave ntevya gato, nimba ari vyiza kuri mwebwe. Har'ukuntu ngenda bukebuke, ndagira gusa... Sinzi; Ndavyinjiyemwo hamwe n'Ivyanditswe vyanditswe hano, n'ivyo nanditse bikeya. Noneho ndabishitsemwo Mpwemu Yera agaca yumira kuri kimwe, hanyuma nanje...bigaca bisa nk'aho ntaronka aho ndabirangiriza. Bica bibandanya. Ariko ubu, ku gisomwa cacu.

46 Bari bagabanganijwe ng'aho mu mice itatu itandukanye, bafise ivyiyumviro bitatu bitandukanye. Bamwe muri bo baramwizera. Abandi muri bo baramwanka. Abandi na bo ntibari bazi ico bari bukore.

Murabona, Ukwo ni ko dushika aho tubibona. Naravuze ubutumwa, ndizera ni mur'iri shengero, igihe kimwe: abizera, abigira abizera, n'abatizera. Abo batatu mu mugwi umwe, ivyo urabironka ahantu hose. Ni abo batatu mu mugwi umwe gusa; kubona ukwo kuntu abantu bameze ariko vyahoze biri. Turashobora gusubira inyuma tukabigaragaza, ukwo ni ko abantu bama bameze buri gihe. Buri gihe n'uko nyene bahoze bameze.

Rero kubona yuko buri gihe ar'uko vyahoze bimeze, noneho bituma dutwarwa no kwizera yuko Imana yaremye abantu ku buryo bamera ukwo. Erega, Izotuma umwansi wayo ayihimbaza. Ibintu vyose... Paulo yanditse mu kigabane c' 8 c'Abaroma ati: “Oo, wa mburabwenge we! Ibumba rishobora rite kubwira umubumvyi, riti kuki uriko umbumba gurtyo? Mbega ntafise ububasha bwo kubumbamwo urwavya rumwe rw'icubahiro n'urundi rw'ibiteye isoni?” Vyari kugenda bite se iyo Iba itararemye ijoro? Ntimwokwigeze munezerererwa umuco w'izuba. Iyaba vyose vyari umuco w'izuba gusa, ntimworonka ukuntu muwunezerererwa. Vyogenze bite iyaba ata ndwara zariho? Ntimwokwigeze muronka ingene munezerererwa amagara meza. Vyogenze bite se iyo hataza kubaho abagabitanya? Ata bagore b'ingeso mbi bahari? Umugore w'ingeso nziza ntiyobaye acubahwa, murabona. Ukwubahwa ntiyokuronse, kubera bose ari ko boba bameze, vyoba ari co kimwe. Ariko ni itegeko ry'umuco n'umwijima.

47 Imana ibikora gutya: umwe aba uwuteye isoni, kugira vyerekane uwo kwubahwa; umwe akihenda cane, vyerekana...Iyaba atari uko vyari bimeze, vyoba ari vyiza gusa. Iyaba hatari hariho...Nta dolare ry'ikinyoma ryobaho kiretse habanje kubaho iry'ukuri. Kandi nimba iryo ry'ikinyoma...Nimba uhereye mu ntango hakozwe iryo ry'ikinyoma, mw'ico gihe iryo ni ryoba ari iry'ukuri. Ariko ni iricapurano. Ntihashobora kubaho...ntihashobora kubaho icaha kiretse hariho ukugororoka. Kubera ko ukugororoka ari co kintu c'ukuri, hanyuma icaha kikaba ukugororoka kugoretse. Mu yandi majambo, ukuri ni ukuri. Ikinyoma ntigishobora kuba ikinyoma kiretse habanje kubaho ukuri ubwa mbere; kugoreka ukuri mu kinyoma. Ivyaha vyose rero nta kindi biri kiretse ukugororoka kugoretse. Kubw'ivyo, hariho umukorere mw'isi.

48 Imikorere ibiri; kandi umwe mur yo ni umukorere mwiza, uwundi na wo ni umukorere ugoretse. Kandi umwe muri yo ni Ijambo ry'Imana, uwo akaba ari wo w'ukuri; hanyuma ijambo ryose ry'umuntu rikaba ikinyoma. Kandi umukorere w'amadini dufise uyu munsi, ugira Inama y'Amashengero y'Isi kugira ngo bigire ca kimenyetso ca ca gikoko kugira ngo bibakoranirize hamwe, ni co kintu c'ikinyoma. Kandi abantu bariko bavyinjiramwo buhumyi.

Ibikorwa vy'Imana bishira ikintu kw'isi kugira ngo babirokorwemwo. Ariko bibaza yuko ari umugwi w'abanyakaguma. Ntibabishaka. Baca babitera umugongo. Biyumvira yuko bategerezwa kugira ico babikozeko. Bategerezwa gukora umukorere wabo bwite. Imana irafise umukorere wayo uza uri hano, Ijambo ryayo. Ariko ivyo ntitubishaka. Gurtyo rero twisanga uyu munsi tumeze nk'uko bari bameze ico gihe.

49 Noneho, kubona yuko abantu bagenewe kumera gutyo...Nimurabe, muravuga...Ndazi yuko ndiko ndatwara umwanya munini, ariko ivyo sinshaka kuguma ndabicunga kubera bituma ngira uruhagarara.

Politike; ubu dufate nka...Reka dufate akarorero gusa...reba nimba abantu bagenewe kuba mu mice itatu. Reka dufate politike. Hariho bamwe baba ari amanyamugambwe bashuhiye uwo muntu. Hanyuma uwundi mugwi ukaba umwanka kubi. Hanyuma uwundi mugwi bakaba ari abo ivyiwe ataco bibatwaye; ntaco baba babiziko, rero bigaca bibatera urwijiji.

Uno muntu avuga ati: "Oo, ni umuntu ahambaye. Azotubera umukuru w'igihugu mwiza."

Uwundi na we ati: "Nta kindi ari kiretse umuhemu."

Hanyuma hagati yabo hakaba hariho uwundi avuga ati: "Jewe aho simbona n'ico nokora." Murabona, ukwo ni ko turemwe. Turemwe ukwo. Ukwo ni ko abantu bameze. Vyetegerezwa kuba ukwo kugira ngo bishitse ubutunzi buhambaye bw'Imana. Kandi kugira ngo Ishitse igikorwa cayo ico igiye gushitsa hano kw'isi, umuntu yategerezwa kuba aremwe ukwo. Umwe aba ari mu kuri. Uwundi akaba ari mu kinyoma. Uwundi na we ari hagati y'abo babiri. Igihe cose n'uko vyahoze bimeze.

50 Nimurabe, ivyo babikora buri gihe aho baba batazi... Uwo muntu ari hagati, ni ahantu habi kubera: umwe ashobora kwerekana ikitagenda neza, impamvu abona yuko ari we ari mu kuri; uwundi na we akaba arashoboye kwerekana igituma abona yuko uwo ari mu kwihenda; hanyuma uyu ari hagati yabo nta na kimwe azi ku bijanye n'ahari ingorane, ntazi inzira yofata iyo ari yo. Kandi n'ivy' ugusenga ni uko nyene bimeze. Abantu barakora ikintu nk'ico nyene uyu munsi ku vyerekeye ishikiro ryabo ry'Ibihe Bidashira.

Noneho tugiye kugira uwo tubabaza, hinge umunota umwe gusa. Barabikora ku vyerekeye ishikiro ryabo ry'Ibihe Bidashira. Umugabo azomanuka hano kugira ngo...kur'iyi...gufungura. Kandi hamwe ubonye igitangurirwa mw'isahani yawe y'isosi, woca ushaka kwitwarira urwo ruganda canke ubwo buriro. Erega, ntiwonywa iyo sosi, yoba irimwo ubumara. Ntiwoyikorako habe na gato, igikombe kinini c'ubuyi canke ikindi kintu catetswe mw'iyo safuriya y'isose. Emwe, ntiwobikorako na gato. No kuvyiyumvirako vyoca bikurwaza. Ariko n'ubwo bir'uko, uzoreka umugwi kanaka w'abanyatewolojiya basunikire ikintu mu muhogo wawe kizokumijurira ku bilometero imiliyoni kure y'Imana, kandi ukimire. Mu gihe, "Umuntu azobeshwaho n'Ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana." Ni umunyororo umushaha wawe wenenetseko hejuru ya gehinomu. Kandi nk'uko nabivuze ubwa mbere, "Ubukomezi bw'umunyororo buri kuri karya gace kawo k'akanyantege nke." Agace kamwe gacitse...ivyo wokora gusa ni guca kamwe muri two, biba bihaye. Uduce twose dusigaye duca turekura. Ukomereye harya nyene kuri karya gace kawo k'akanyantege nke.

51 Noneho .... None umuntu arazi ko hamwe uramutse unyoye isoso irimwo igitangurirwa c'ubumara, birashoboka yuko vyogutera kurwara. Vyohava biba ngombwa yuko uja mu bitaro, ukagira ingorane y'umushishito kandi n'indwara nyinshi zikagufata. Kandi birashobora no kukwica. Ariko, bagenzi! Wogira...Erega, ntiwokwigera usubira no kwegera hafi y'aho hantu. Ntiwokwigera usubira gushaka kwegera n'umuryango waho, kubera yuko utinya kurya ubumara hanyuma ugapfa. Ariko uzokwifatanya na vyo, ushire amazina yawe mu bitabu, kandi urwanire wivuye inyuma ibintu ivyo Bibiliya yavuze ngo: "Ntivyonona umubiri wawe, ahubwo biterera umushaha wawe muri gehinomu." Murabona? Mbega ukuntu abantu batangaje! Bafata ishikiro ryabo ry'Ibihe Bidashira, bakaryubakira ku majambo kanaka y'abanyatewolojiya. Kandi urashoboye kubazanira Icanditswe, ukababwira uti: "Ibi ni vyo Bibiliya yavuze. Ng'ibi hano nyene."

Umunyatewolojiya avyihweje, uza wumva ngo: "Erega ivyo vyari ivy'ikindi gihe," Murabona. Hanyuma mukamwumviriza. Murabona ico Imana ivuga. Umukristo nyawe w'ukuri yumviriza iryo Jambo gusa, nta bindi. Abantu b'Imana babeshwaho n'uwo Mutsima.

52 Nimurabe, bamwe bizera Ijambo. Mu gihe hariho abandi bizera insobanuro zabo z'ikidini. Hanyuma hariho n'abandi, kubera uru rwijiji, ntibazi ico bari bwizere.

Noneho bamwe muri bo baravuze bati: "Oo, iyi Nama y'Amashengero y'Isi, bigiye kuba ikintu nyaco. Twese bigiye kutugira umwe. Egome, ivyo ni vyo."

Abandi bavuga bati: "Hemwe, ni ivy'umurwanizi! Ng'ibi biri mu Vyanditswe."

Noneho wa muntu adafata umwanya wo kwicara no gusenga hanyuma aserangure, aca avuga ati: "Oo, vyihoze." Kuvyihoza? Ni ivyawe...kw'iyo mvugo yawe Mwene Data, kw'urwo ruhagararo rwawe, ku vyo uvuga, bigiye kukurungika kw'ishikiro ryawe ry'Ibihe Bidashira aho uzoba ibihe vyose. Ivyo ntubikore.

53 Biradukwiriye kwicara hasi mu gihe ikintu nk'iki kiba gihagurutse, mu kwibaza...Nko mu gihe ca Yesu; aho baje, ishengero ryavuze riti: "Oo, ni umuntu umuhemu. Ntaco kirimwo muri We."

Yamara Umwe arababwira ati: "Nimuserangure Ivyanditswe." Agira ati: "Kuko muri vyo ari ho mwiyumvira yuko mufise Ubugingo Budashira, yamara ni vyo bibabwira Uwo Ndi We."

None rero, abagabo, abagore, urugero rwose rw'Umukristo, nako abarajwe ishinga n'ishikiro ryabo ry'Ibihe Bidashira, bategerezwa guserangura Ivyanditswe bakaraba uwo Yari we. Mw'ico gihe ikibazo nticari kuba ngo: "Uyu ni nde?" Bari kuvuga bati: "Ng'Uyo!" Iryo ni ryo tandukaniro. Murabona, ni abantu, bakunze kumera gurtyo. Bamwe baba barabitegekanirijwe. Biragoye kuvuga, ariko ni ukuri. Birabigaragaza, murabona.

54 Rero uyu munsi, bamwe bavuga bati: "Ndizera Ijambo. Ijambo ni ukuri; akanyuguti kayo ryose."

Abandi bakavuga bati: "Aa, abangere bacu baragenda kwiga ubwoko nk'ubwo... Barazi ico bavuga kuri ivyo."

Uwundi akavuga ati: "Emwe, jewe sinzi. Narinjiye muri iri. Sinarikunze. Naciye ngenda hano hanyuma nifatanya n'iri. Sinzi iryo nogumamwo," murabona. Ukwo nyene ni ko vyari bimeze ico gihe, bwa bwoko nyene bw'isinzi ry'abantu. Emwe buri gihe n'uko vyahoze bimeze, uhereye mu ntango, kandi ni ko bizokwama.

55 Noneho reka dusuzume ukuri kwa Bibiliya kuri iki kibazo, turabe nimba ari ukuri; mu minota mikeya gusa mur'aka kanya...Adam...Mu ntango vyatanguye gutya, ukuntu twabibonye neza uyu munsi, ntivyahindutse na gato. Adamu yari uwizera. Satani yari uwutizera; ntiyari yizera Ijambo. Gurtyo aca acakira Eva, uwutari azi neza nimba kwari ukuri canke kutari kwo, murabona. Satani, uwutizera... Imana yavuze iti: "Umunsi muzokiryako, uwo munsi nyene muzoba mupfuye."

Satani na we ati: "ukwo si ukuri." Murabona, kandi ntiyari avyizeye. Adamu yari avyizeye. Rero Satani yaciye akorera kur'uyo yari ari hagati. Ntibari bashoboye kuvuga...gusa Eva ntiyari ashoboye kubivuga.

56 Ubu rero nimurabe, umugore hano agereranya ishengero ry'idini ryo muri kazoza ryitwa umugeni. Vyose vyazananye mw'Itanguriro. Ni imbuto. Muhereye mw'Itanguriro; muzoca muronka igicapo canyu gitomoye neza, murabona. Noneho hano, yari agereranya ishengero ry'uyu munsi kuko bamwe bavuga ko ubu dufata Abaperesipiteriyano, n'Abaluteriyano, kandi bamwe muri bo bazanana hirya no hino, aba badandaza n'abandi: "Turashaka kuronka...Dushaka umubatizo wa Mpwemu Yera. Turashaka kuwuronka."

Mbega muratahura umunsi twoshobora kuba muri wo? Murabona? Birashoboka yuko batigera babibona. Murazi yuko Yesu yavuze ati: "Igihe abo, za nkumi zisinziriye..."?

Noneho mwibuke, ya nkumi isinziriye yaje isemerera irondera amavuta. Vyose vyari vyamaze kudomwako ikimenyetso. Ntayo yaronse. Ntiyigeze ayaronka. Murazi Umugeni niyamara kugenda akazamurwa akajanwa mw'Ijuru, amashengero azobandanya ukuri kwamye, abantu bibwira yuko bari ng'aho barakijijwe, n'ibintu vyose bimeze nk'uko vyahoze biri. Bazobandanya nka kumwe vyari bimeze mu gihe ca Nowa. Barabandanije birira, binywera, n'ibindi vyose nk'uko bahora babikora. Ntavyo bari bazi, ariko umuryango wari wamaze kwugarwa. Kandi birashoboka bagenzi yuko umuryango ushobora kwugarwa umwanya uwo ari wo wose. Kumbure ko vyamaze kuba, ntaco ndabiziko. Ntavyo tuzi.

57 Gusa hagiye kubaho bake muri bo bazobandanya. Turazi yuko, "Nk'uko vyari biri mu minsi ya Nowa aho imishaha umunani ari yo yarokotse, ni ko bizomera mu muzo wa wa Mwana w'Umuntu." Hazoboneka imishaha mike izorokoka. Simvuze umunani. Kumbure ishobora kuba amajana umunani canke... Sinzi ngo ni bangahe. Ibihumbi umunani. Ntavyo nzi. Imiliyoni umunani. Jewe...

Ariko murabona, uwo Mugeni ntazoba agizwe n'umugwi muto w'abari hano kw'isi ubu. Igihe isaha y'indwi, igihe Yaza, za nkumi zose zaciye zikangura hanyuma zitunganya amatara yazo. Uhereye kera hiyo inyuma, umuntu wese yizera Ijambo risizwe amavuta uko ibihe vyagiye bikurikirana, yaciye aseruka. Ni nka wa musonge, igice co hasi, hanyuma hagaca hakurikira...Ariko Ibuye ry'Agasongero ryategerezwa kuza rigafata ico kintu cose kugira ngo rikigire umusonge. Murabona, kubishira hamwe. Rero, Umugeni azoba agizwe n'abo bose bo mu bihe uko vyagiye bikurikirana, abizeye kandi bakemera Kristo nk'Umukiza wabo.

58 None rero, Eva ntiyari abizi neza. Adamu yari yaramubwiye ati: "Noneho mukundwa, Imana yavuze yuko umunsi uzokiryako, uwo munsi nyene uzoba upfuye."

Ariko avuga ati... Satani avuga ati: "Mu vy'ukuri ivyo ntibishobora kuba ari vyo. Uriyumvira umuvyeyi yofata abana biwe, akabakorera ikintu mwen' ico? Nta nkeka si ko biri." Murabona.

None amaherezo yahindukiriye iki? Yahindukiriye kuri iyo ngo "nta nkeka." Kandi ivyo ni vyo koko ishengero rikora uyu munsi neza na neza. "Oo, nta nkea...Turi ishengero rikomeye. Turi abantu

bahambaye. Twabaye igihe kirekire... Ibi bintu vyose bita akaguma aha hanze, ibi bintu bita umubatizo wa Mpwemu Yera n'ibindi vyose...ntibigira umutwe n'amaguru! Murabona, ngo ...Nta kintu mwen' ico kibaho. Aa, nta nkeka...Ndariha ikigira cumi. Ndaja kw'ishengero. Mama yahora aja kw'i.... Nta nkeka Imana...” Ariko Imana yavuze ibitandukanye n'ivyo! [Agace katavuga kuri bande—Umw.] Murabona, muri iyi Lawodikiya, kugira ngo vyerekane yuko vyarangiye, yuko yamaze gushirwako ikimenyetso hariya, kandi Kristo ari hanze. Ntibigeze bavuga yuko Yasubiriye kwinjira, murabizi. Ni ko dusanga bimeze uyu munsi, aho bashiburira Ijambo hanze, nk'uko vyahoze biri.

59 Ubu rero nimurabe, Mose, Ijambo risizwe amavuta... canke uko twomwita kwose...Ndizere yuko mubitahura, iyo mvuze yuko yari mesiya. Yari Ijambo risizwe amavuta ryari ryarasezeraniwe ico gihe. Ni co Mose yari! Ivyo muravyizera? Ata nkeka, ijambo—iryo ijambo mesiya risobanura “uwusizwe amavuta.” Murabona? Noneho, Nowa ni we yari uwasizwe amavuta mu gihe ciwe. Aburahamu yavuze...yuko hobayeho...Abantu biwe bobaye mu buja kumara imyaka amajana ane, kandi yuko bokuweyo n'ukuboko kw'inkomezi, hamwe n'ivyo yokoze: ibimenyetso vyiwe n'utwumiza...hamwe n'urunganwe rwari rugiye kuza, n'ivyo rwokoze. Mose rero ahagarara aho, iryo Jambo risizwe amavuta ry'uwo munsi. Ni yo mpamvu yari ashoboye gushira ikiganza ciwe mu gikiriza. Kubera iki? Yari ahagaze mu nyonga z'Imana. Amen! Bwa Bwiza buhambaye bwa Shekina bumukikuje. Intambwe yose yatera yagereranya Imana. Aho ni ho Ishengero ryategerezwa kuba rihagaze kano kanya. Ni ukuri! Aho kuba ivyo, twagiye kwita mu bintu vy'ubugaragwa bw'amadini.

60 Ariko Mose yari yakwegezwe, hanyuma aca aregera. Kandi aho hariho ya Nkingi y'Umuriro yari yibereye muri kirya gisaka. Hanyuma hano na ho hahagaze Mose asizwe amavuta. Nta nkeka yuko uwo mugabo atari azi n'ivyo yariko arakora. Ibimenyetso yahawe igihe yari ahagaze harya hamwe n'inkoni y'umwungere, kandi yar'azi yuko iyo yari inkoni yo mu bugaragwa. Yahindutse inzoka, hanyuma ihinduka impongano; bimwe inzoka yakora mu bugaragwa. Ibintu vyose yakoze...vyari ibimenyetso n'amajwi avugana n'abantu. Murabona, hari ikintu kanaka cari gifatanijwe na we. Kandi kumbure na Mose ubwiwe ashobora kuba atanabimenye, ariko yari Ijambo risizwe amavuta ry'uwo munsi. Yari intwarabutumwa isizwe amavuta. Nimba rero yari intwarabutumwa y'ico gihe, yari mesiya w'ico gihe. Yari uwusizwe amavuta.

Noneho we, Yosuwa na Kalebu, bari abizera muri uwo mugwi, murabibona, rero bagerageza kwigisha abandi ukuri. Ariko murabona, Satani, Datani na Kora, batumye abandi bahonera mu bugaragwa. None aho, ingorane yari iyihe?

61 Imana yari yarahamagaye Mose. We ntiyashaka kugenda. Ibi abo bavugishwa barabikora gushika ba....Vyari ibintu bigoye gukora. Ntibashaka kugenda ngo batukwe. Bashaka kugira isangira hanyuma bakajana n'abandi bose, gurtyo bakaba kumwe na bene Data. Ariko murabona, gusa nka kumwe... Ndibaza...Ndibagiye uwo muvugishwa uwo ari we, yavuze ati: “Iyaba...ibi sinshaka kubikora,” mu yandi majambo “ariko umutima wanje uzotongorwa n'umuriro. Imana yavuze, kandi ntegerezwa kubitanga. ” Nimba bari bubikunde; nimba bari bumubambe ku musaraba; nimba bari bumutere amabuye; ivyo bamukoza vyose...Imana yaba yavuze mu mutima wiwe, kandi aho yategerezwa kubivuga. Atari kugira ngo abe uwutandukanye, ariko kugira ngo yumvire. “Kwumvira biruta ibimazi; gutega amatwi kuruta ibinure vy'amapfizi y'intama. ” Murabona, vyaba biri mu mutima wiwe. Yategerezwa kubikora. Ni vyo vyaba ari ubuzima bwiwe. Ntiyaba ashoboye kuvyirengagiza. haba hariho ikintu kanaka, ikintu c'ubushobozi caba kiriko kirabasunika. Ntibaba bashoboye kukivumagura canke kugihezagira. Imana yaba yamwifatiye mu minwe mu buryo bunengesereye gushik'aho yahinduka ijwi ryabo, ibikorwa vyabo. Haleluya!

Mpa ishengero ryasizwe amavuta n'Imana mu buryo bunengesereye kugeza aho buri gikorwa cabo cose n'ukwinyiganza kwabo ari Ni k'Uhoraho agize, bagendera muri ubwo Bwiza bwa Shekinah, nanje nzoca nkwereka Mesiya w'Imana asizwe amavuta ahagaze kw'isi.

62 Aho hahagaze Mose hafi y'iki gisaka caka umuriro mu Bwiza bwa Shekinah. Ahagaze aho, asizwe amavuta, vyari bigoye yuko amenya n'ivyo yariko arakora. Yariko arumvira gusa ivyo ririya Jwi ryariko rimubwira gukora: “Shira ikiganza cawe mu gikiriza. Gikureyo. Tora iyo nkoni. Yihindure inzoka. Subira uyiterere hasi.” Ivyo uwundi wese yari kuvuga ntaco vyari kuba bivuze, yariko arabikora.

Yavuze ati: “Uhoraho we, nyereka Ubwiza bwawe, nditeguriye kuja muri Egiputa. Si ndi umuntu azi kuvuga. Sinshobora kuvuga neza. Ariko nureke mbone Ubwiza bwawe.” Hanyuma arabumwereka. Hanyuma aca aramanuka afata ivyo bintu, kugira ngo yerekane yuko yari mesiya asizwe amavuta. Uwo mugabo yahitanye umukungugu wo hasi awuterera mu kirere, insazi n'amafunderi biva muri uwo mukungugu, vyuzura isi. Ni igiki coshobora kurema, atari Imana? Yadashe amazi mu ruzi ayasuka ku nkombe; maze igitonyanga cose c'ayo mazi muri Egiputa gihinduka amaraso. Ni igiki coshobora gukora ivyo, atari Imana? Vyari ibiki? Yari yiyeguriye burundu Ijambo ry'Imana risizwe amavuta gushika n'aho aba mesiya.

Abanyegiputa baragerageje kubitera ibitugu nk'uku...Abatizera baragerageje kubitera akagere. Abigira

abizera baragerageje kugerageza umugambi wabo. Ariko Ijambo ry'Imana ryarabajanye ubutarariye mu gihugu c'isezerano. ukwo ni ukuri. Bari basizwe amavuta. Bari...Yari mesiya.

63 Hanyuma rero ingorane zaduka bageze mu bugaragwa. Aha ni ho hazanana... (Murabona, kano kanya nshaka yuko mwitegereza, bene Data.) Ubu rero mwibuke, aba bantu bari baranezererewe ya migisha. Bari baranezererewe ivugabutumwa ry'uyu muvugishwa, uyu muntu yari yarasizwe amavuta. Baramwizera. Baramukurikira. Ariko mu bugaragwa hahaguruka umuntu umwe yitwa Datani, hamwe n'uwundi yitwa Kora. Nuko baravuga bati: "Ibi ni ngombwa ngo bibe ivy'umuntu umwe? Mose yibaza yuko ari we wenyene yahamagawe n'Imana."

Ubwo butumwa bw'umuntu umwe, ntabwo bashaka. Ekaye, ntabwo bashaka. Kandi Imana na yo nta gihe na kimwe yigeze ikora kiretse ikoranye n'umuntu umwe. Igihe cose ni ubutumwa bw'umuntu umwe. Ni ryari yigeze ikorana n'abantu, kiretse biciye ku muntu umwe gusa? Ni umuntu ku giti ciwe. Si ibijanye n'umugwi. Murafise ibibega ku Mana, umwe wese muri mwebwe. Muravuga muti: "Oo, ndavyizeye." Aho gusa u.... Aho ico uba urikora urakora, uba ubinezerere gusa. Uba unezererewe ico ciyumviro.

64 Hano hahagaze inkumi. Nanje nkaba ndi umusore, niteguriye kwubaka urwanje. Iyo nkumi ikaba yujuje ingeso nkeneye mu buryo bwose. Ni Umukristokazi mwiza: biramusa, yambara nk'Umukristokazi, yifata nk'Umukristokazi, abayeho nk'Umukristokazi. Ndemeza yuko yombera umugore mwiza. Ariko si uwanje kugeza igihe nzomutwarira ngo abe uwanje. Ukwo ni ko n'Ubutumwa bumeze. Urashobora kugirira ibigumbagumba kuri bwo, ukavuga uti: "Ni ukuri." Ariko utegerezwa kubwakira wewe ubwawe kugira ngo uhinduke igice cabwo. Noneho wewe n'Ubutumwa mugahinduka ikintu kimwe. Aho rero isigwa riba riri kumwe nawe nk'uko bimeze ku bandi.

65 Rero Satani ntiyari avyizeye. Datani...Yaciye acakira Datani hamwe n'abo batavyizera, bose abatera kuranduka.

Ariko uravuga uti: "Hinge gato Mwene Data Branham, wavuze batatu: Mose, Yosuwa, na Kalebu." Ukwo ni ukuri koko. Abi ni bo bari bahari. "Ariko hano uvuze babiri gusa. Aha uvuze yuko bari..."

Uravuga uti: "Satani w'indengakamere." Ariko no ng'aho na ho hariho Imana y'indengakamere, yari yasize amavuta abo batatu. Ubu rero abasizwe amavuta gusa ba Satani. Gusa haca haza uwundi, uwo wundi araza, nimwihweze akanya gato. Yaciye ashika ku rubuga, yitwa Balamu. Ni umuvugishwa w'inkunzi y'amafaranga, yigira umuvugishwa, umuvugishwa w'ikinyoma.

66 Hama hariho ubwoko bwose bw'abavugishwa. Kandi igihe cose Abisirayeli hamwe n'uko uwo mugwi wabandanije, hamye hariho abavugishwa; abo bavugishwa baryosharyosha abantu, bakabahendahenda...abo bagendana barondera gushimwa n'abami, be no gutoneshwa na bo...neza cane, nka Ahabu yari afise amajana ane ya mwene abo, bose bambaye imyambaro idasanzwe. Hanyuma abwira umwami ahambaye wo hiyo ruguru, Yehoshafati, ati: "Erega, koko ndafise amajana ane, bose baramenyerejwe neza, abavugishwa b'Abaheburayo."

Kandi bose baraje baravugishwa. Ariko uwo muntu yari afise Imana ihagije muri we ku buryo yamenye yuko ivyo bitari vyo, kubera yari azi yuko Eliya yari yaravumye ico kintu. None ni gute Imana yoshobora guhezagira ico Yari yaravumye? Ntavyo yoshobora gukora. Yaciye amubaza ati: "Nta wundi umwe ufise dushobora kubaza?"

Na we ati: "Egome, umwe womuronka hariya; Mikaya, mwene Imura." Ariko avuga ati: "Ndamwanka." Aravuga ati: "Igihe cose yama aturiko, aguma ancirakw'iteka yongera ambwira ibintu vyose bibi." Ni gute intambwe yoshobora kwivuga...Imana yari yavuze. Ni nde atoshobora kuvuga Ukuri? Iyo binyuranyije n'Ijambo ry'Imana, yategerezwa kuvuma ico kintu. Buri gihe bari bafise umuvugishwa w'ibinyoma. Ariko n'uw' ukuri na we nyene baba bamufise. Mwibuke, aho nta bari buzuye ishure bari bahari. Hariho umwe muri bo. Kandi ukwo nyene ni ko biba bimeze muri buri gihe. Ni ko bimeze uyu munsi.

67 Wa Muvugishwa w'igihe ni Ijambo. Ukwo ni ukuri. Uwo Muvugishwa uyu munsi, si ibi bintu vyose bitandukanye biri ng'aho...Hano hari umuvugishwa w'Umumetodiste, umuvugishwa w'Umubatiste, umuvugishwa w'Umupentekote, abavugishwa b'ubwoko bwose hirya no hino mu gihugu cose. Ariko biguma bimeze uku: hariho wa Muvugishwa umwe w'ukuri, ni wa wundi nyene ejo hahise, uyu munsi n'ibihe vyose. Ukwo ni ukuri. Yesu Kristo! Kandi We ni Ijambo. Ukwo ni ukuri. We ni Ijambo: Ijambo risizwe amavuta ry'igihe.

68 Nimumurabe kano kanya, mu gihe tubandanya. Turabona yuko Yosuwa na Kalebu...Hanyuma haza Balamu umuvugishwa w'umucangero. Yakoze iki? Yaciye aca kubiri buri Jambo ry'Imana, Imana imaze kuba yarimweretse. Agereranya idini uyu munsi. Ivyo turaza kuvyerekana mu minota mikeya (Ico Datani yari, n'ico abandi bose bari). Rero Balamu yagereranya idini. Umuntu atategerezwa ku...ategerezwa kuba yari abizi neza. Yari azi yuko bitari vyiza. Ariko none yakoze iki inyuma y'ivyo? Imana yaramuhaye imburi, yamara na none iyo mburi ayirengako. Yari inkunzi y'amafaranga n'icubahiro bimwe bibi ku buryo yanashoboye kwifatanya na barya bantu. Kandi ukwo ni ko amashengero akora uyu munsi, ariko agenda

agana muri iyo Nama y'Amashengero y'Isi. Kandi imburi zose ziriko ziraturagarira mu gihugu cose, hamwe n'ibimenyetso n'utwumiza mur'iyi minsi ya nyuma. Bariko baravyinjiramwo ukwo biri kwose, kuko bakunda gushimwa n'abantu kuruta uko bakunda Ijambo ry'Imana.

69 Ndafiseyo abantu b'abagenzi beza, bigisha ubwo butumwa; Abapentekote, bariko babwira abantu hiyo hanze, bagerageza kunywanisha ishengero hamwe. Bavuga ngo: "Dutegerezwa kwinjira muri ibi, uru runani rw'ubumwe bw'amashengero." Erega, bamwe muri bo...harimwo n'ab' Ishengero rya Kristo. Amenshi muri ayo madini ntanizera na kwa kuvuka biciye kw'isugi, hamwe n'ivyo bintu bitandukanye, kandi bose bari muri ico kintu. Babiri bojana gute batumvikana? Aho mwavuze "Amen" kuri ico, ndibaza kuri iki na co aka kanya: Na none ni gute umuntu ashobora avuga yuko ari Umukristo kandi yuzuye Mpwemu Yera, hanyuma agahakana yuko rino Jambo ari rya rindi nyene ejo hahise, uyu munsi n'Ibihe vyose? Mpwemu Yera muri wewe azotera urukumu na "amen" kuri iri Jambo, Ijambo ryose. Amen. Amen. " Ijambo niryagira ico rivuze, uca uvuga, uti: "Ukwo ni Ukuri." Amen! Kubera yuko wemeranya n'Ijambo. Uremeranya n'Imana. Wewe n'Imana muri umwe. Imana iri muri wewe. Uri umuhungu wayo canke umukobwa wayo, ivyo bikugira mesiya kubwayo, Ijambo risizwe amavuta riba muri wewe.

70 Nimurabe neza, Balamu yaraciye kubiri n'ivyo bintu. Yari idini ritunganye n'inyishu ku vyo bari bipfuza. Ivyo ni vyo Datani yashaka. Ivyo ni vyo Kora yashaka. Bashaka kubikoramwo ukwitunganya. Bavuze bti: "Abantu bose bari hano n'abera."

Sinitayeho ukuntu abantu babiri bogendana mu buryo butunganye, haba hariho itandukaniro muri bo. Amazuru yacu ntameze co kimwe. Ibikumu vyacu ntibisa. Hariho ibintu vyinshi kuri twebwe... Yamara turashobora guhana amaraso, mbere n'amahasa aba afise ivyo atandukaniyeko. Rero murabona, Imana yinjiza umuntu umwe gusa muri uyo mudiho, uwundi agaca avyizera.

71 Yaremye umuntu umwe, hanyuma abantu benshi benshi baboneka biciye kw'uyo muntu. Nk'uko bose bapfiriye muri Adamu, bose baba bazima muri Kristo. Yaciye inzira imwe y'urupfu, bose baca barurwamwo. Hanyuma na We aca inzira y'Ubugingo, kandi hariho benshi bayigenderamwo bafise Ubugingo. Biciye ku rupfu rw'Umuntu umwe, atari abantu nka cumi na babiri. Si abantu cumi ba babiri bacumuye. Umuntu umwe ni we yakoze icaha kimwe. Hanyuma Umuntu umwe ariha igihano cose. Ntibigikenewe yuko wikungagura amavi, uvuga za Mwaramutse Mariya, n'ivyo bintu vy'ubwoko bwose, no kwunamira abapfuye. Yesu yapfuye kugira ngo ingabire y'Imana ishobore kuboneka ku buntu. Yararishe ideni ryose. Ariko murabona, dushaka kugira ikindi kintu kanaka co tubivugako.

72 Kano kanya nimurabe. Bano bantu rero baciye baduga bavuga bati: "Aho rero wewe ni we ugerageza kwigira umuntu umwe rudende aboneka mu mugwi wose. Wiyumvira yuko ari wewe wenyene."

Mose na we yari yamusesereje. Aca arasubira inyuma avuga ati: "Data..."

Ica Imubwira Iti: "Niwitandukanye na bo. Jewe..."

"Abo bose bari ku ruhande rw'Imana, ngwino hano." Ica yasamika isi, na yo ica irabamira bunguri. Mbega ukwo ni ukuri? Nuvyiyumvireko gusa, Mwene Data! (Oo, bagenzi.) Kuki batamwizera? Kuki batizeye yuko uyu Mose yari umurongozi yavuye ku Mana? Kuki bashaka gushamirana na we? Umwanya wose bidoga bongera bidodomba, mu gihe bari barabonye ikiganza c'Imana, kandi bakagendera musi...Hanyuma Mose...Imana yari yarerekanye yuko Mose yari mesiya wayo asizwe amavuta. Murabona? Noneho gusa....Murabona, hariya ibwina mu mitima yabo bariko barondera ikindi kintu gitandukanye.

73 Mwebwe Abapentekote ni ibiki vyabashikiye? Mu myaka mike ishize mwarasohotse muva muri uyo mwanda witwa idini, kugira ngo mube Abapentekote. Kubera iki mwarondeye gusubirayo kandi? Igishishwa categerezwa guseruka. Urutete ntirwari bwajeyo. Murabona? Nimurabe neza, ukwo ni ko bakoze. Ivyo vyari mu mitima yabo. Bategerezwa kubikora.

Noneho murabona, Datani yari afise iciyumviro c'uko bose bari bashoboye kubikuramwo idini rihambaye. Murazi, n'intumwa Petero yaragize ico ciyumviro nyene kuri wa Musozi wo Gukayanganirako. Yavuze ati: "Reka twubake amahema atatu; rimwe rya Mose, irindi ry'ivyagezwe, hamwe n'irindi ry'abavugishwa, rimwe..."

Akiriko aravuga ivyo, humvikana Ijwi rivuga riti: "Uyu ni We Mwana wanje nkunda. Nimwumve." nibwo basubije amaso inyuma, babona Yesu wenyene. Yari ahagaze aho. Yari Ijambo. Ico ni co utegerezwa kwumviriza gusa, ni iryo Jambo. Uwo ni We muri buri gihe. Nimurabe ico Ijambo rivuga kuri ico gihe, hanyuma ubone Imana igisiga amavuta, aho rero uce ujana na co. Nta bindi.

74 Bakurikiriye Inkingi y'Umuriro gushikka mu gihugu c'isezerano. Abajanye iyo nzira bose barashitse, abandi bararandutse. Nimurabe neza, bashaka Ijambo rivanze n'ivy'isi...ivyo vyatumye bihenda. Kandi ico vyabakwegeye. Ijambo, bararihushije kubera batemeye Ijambo risizwe amavuta. Murabona, utegerezwa kuba ufise ic' ikinyoma... Ubwa mbere utegerezwa kugira ic'ukuri, kugira ngo ukore ic' ikinyoma. Na bo barakironse, kandi Imana yarerekanye yuko itari kumwe na co.

75 Nimwiyumvire ukuntu Ijambo ryari ryaramenyekanishijwe hagati yabo mu buryo butunganye, mu kwemezwa kuri bo. Ibintu vyose Mose yavugishwa vyarashika, yuko yari yahamagariwe kubajana muri ico gihugu c'isezerano. Ibintu vyose Mose yashijwe vyarashitse, aho nyene. Nta n'akanyugu ko kuri vyo kahushije. Mbega ukuntu ivyo vyategerezwa ku amahirwe, kumenya ko uriko ugendera mu bugaragwa... Kandi ng'aho, inyuma yo...Igihe yababwira ubutumwa, ubwa mbere bategerezwa kubwizera. Ariko amaze kubakurayo, Imana iravuga iti: "Ngira ndabereke yuko ndi ya Nkingi y'Umuriro mwahurira mu bugaragwa."

Nuko Iravuga iti: "Bankoranirize bose hafi y'Umusozi." Ica yururukira ku gasongero k'Umusozi wa Sinayi. Maze Imana itangura guturagara.

Abantu baravuga bati: "Imana ntabe ari yo ivuga. Mose nabe ari we avuga. Ntimureke..."

Imana iravuga iti: "Sinzongera kubavugisha gurtyo ukundi, ariko nzobahagurukiriza umuvugishwa azovuga mw'Izina ryanje," murabona. Gurtyo rero turabona yuko ico ari co Imana yama ikora igihe cose. Kubera iki ivyo batashoboye kubibona mu ntango? Murabona ivyo bintu vyose, kandi iciyongeyeko bakidodombera ubutumwa bwariko bubajana mu gihugu c'isezerano, bwari bwahavanye hariya neza bukaba bwariko bubajana mu gihugu c'isezerano. Ariko baguma...bategerezwa kubwidodombera. Nimwibaze ukuntu vyari bitunganye...ukuntu bashobora kugenda buri munsi, bagendana n'Uhoraho. Mbega ubuzima babayeho mu bugaragwa! Mu gihe c'ijoro....Barya manu yo mu gitondo, yaba yakorotse mw'ijoro.

76 Murazi, barabimenyereye kugeza igihe bavuga bati: "Imitima yacu iraduhiwe n'uyu mutsima." Murabona? Kandi uko ni ko vyagenze no kuri twebwe. Ndiko ndiyumvira gusa kuri ya migwi mito iyo twa...mu gikorwa canje gito, mu gihugu cose. Kubona atari ugukiza indwara gusa n'ibindi; ivyo twamye tubifise. Gukira indwara; Imana yamye na ntaryo ica inzira kubwo gukira indwara ahantu kanaka. Mbere igihe kimwe Yari ifise umumarayika ku kidengeri. Kandi We...ibintu vy'ubwoko bwose. Ya nzoka y'umuringa mu bugaragwa. Mwamye na ntaryo mufise ibimenyetso vy'ugukira indwara. (Ivyo si vyo ndiko ndavugako.) Gukira indwara ni co kintu kimwe gikwega abantu. Umuntu wese azogira ico atanga kubw'igikorane c'ugukira indwara. Bazotanga impano mu birori vy'indirimbo. Ariko iyo bishitse ku mushaha mworo watakaye, ntibashaka kugira na kimwe babikorako. Murabona, ni hafise ivyo, siko? Turaronka ibintu vyose...ku mushaha mworo. Ntidushaka kugira ico tubikorako. Bazomureka agende acacisha mu bintu, bavuge bati: "Emwe, ivyo vyose ni vyiza, arafise ishengero asengeramwo. Nta na kimwe bitwaye."

77 Ariko ubu, dusanga hano...(Turashitse ku gusozera vuba bishoboka). Nimwiyumvire ukuntu vyari bitunganye. Ndiko nditegereza iminsi tumaze hano kw'iyi si. Nimurabe ivyo Umwami Imana yakoze. Yatangiriye mu bimenyetso bikomeye, n'utwumiza, n'ibitangaza, ivyo twese twanezererewe. Noneho nimurabe...Hanyuma haza ubutumwa inyuma y'ivyo.

Nimurabe ivyabaye. Twagiye neza na neza...atari kubwanyu mwebwe bantu hamwe namwe. Nimurabe wa mugwi wa ba Bamarayika waje uvuye mw'Ijuru, baca banyiganyiza isi yose, baca bahagarara hariya. Kandi ibinyamakuru vyaravyanditseko;mu gihe ivyo vyari vyaravuzwe imbere y'igihe, amezi n'amezi imbere yuko bishika. Yarahagaze aho, maze aravuga ati: "Igihe kiregereje, subira inyuma wugurure ya Mashashara Ndwi ya ya mabanga yari yaranyegejwe mu bihe vyose vy'ubugorozi n'ibindi, ubishire ahabona." Noneho haca haza ivugabutumwa ku ruvyaro rw'inzoka, hamwe n'ivyo bintu vyose mwen'ivyo. None abayobozi b'amadini baca bakora iki? Aho kuvuga bati: "Erega Luther yavuze ibi canke biriya." Baca bagira gusa...ntibazokwigera babibona. Murabona? Ariko mbega amahirwe kuri twebwe abizera, kugendera mu nyonga z'Imana buri munsi!

78 Mpagaze aho narabonye agashururu kamanukanye mu kirere. Karakubise igice c'umusozi, gahagarara aho twari turi; gacagagura ubushorishori bw'ibiti n'ibindi mwen'ivyo. Hanyuma hacurwa Ijambo, uguturika kwumvikanye incuro zitatu, kuvuga ngo: "Nuvyihweze neza, vyerekeje ku nkengera y' i burengerazuba." Vyaciye bitumbera hariya nyene naze binyiganyiza Alaska. None ubu biriko bizanana ku nkengera y'i burengerazuba. Neza na neza.

Umunsi w'imbere y'aho, nafashe ibuye ndariterera hejuru hanyuma ndavuga nti: "Uku ni k' Uhoraho agize, igihe kirageze, imanza zigiye gutangura mw'isi." Hagiye kubaho za nyamugigima n'ibindi bintu. Kandi inkombe yose yo mu burengerazuba izonyiganyizwa n'ibindi." Nimurabe ukuntu bitunganye. Umunsi ku wundi, ibintu vyose neza na neza nk'uko Iba yabivuze. Ni gute dushobora kubitera ibitugu ga bene Data? Reka dukomeze ukwizera kwacu kuri Yo.

Bavuga bati: "Uyo ni nde?" Twebwe turazi Uwo ari We. Ni Yesu Kristo wa wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose, ya Nkingi y'Umuriro. Mu gihe ca Mose, nimurabe ico yakoze; yagereranya Inkingi y'Umuriro uyu munsi. Buri gihe... Kubera iki batizeye yuko Yesu yari Ijambo? Bari bafise insobanuro n'intahuro bitari vyo. Nka kumwe Eva yabigenje, ni ko bakora uyu munsi.

79 Nuko Balamu n'inyigisho ziwe vyari ivyabo, kandi vyari bihuye neza n'ivyo bo bashaka. Ku munsi mukuru, nimurabe... Ku munsi mukuru w'Abanyamowabu, murabona...Oo, ivyo yavuze. Nimurabe ukuntu ari igicapo c'uyu munsi, ukuntu bigereranya ivyabaye aho hambere. (Ndiko ndabafatira cane). Ariko

nimwihweze gato mu bwitonzi ntangere, uwo munsi mukuru w'Abanyamowabu. Murabona, nimba atari ashoboye kubashikana hariya mu nzira imwe, Balamu yarabikoze, rero abakoraniriza hamwe. Nimba atari ashoboye kubavuma we nyene ubwiwe...Uko yarushiriza kuvuma, ni ko Imana yarushiriza guhezagira. Babandanije gusa...

80 Murabona, ivyo ni vyo yakoreye Abapentekote. Igihe mwese mwatangura mu myaka mike iheze, bavuga ngo: "Nta na hamwe muzoshika. Nta na kimwe muri. Muzozima. Nta kindi muri atari akagwi k'abanyakaguma." Ariko igihe cose bagerageje kubavuma, namwe muca mwongera murasubira inyuma kandi. Imana yabandanije guhishura Ubutumwa bwayo. Hiyo kuri rya Koraniro rya kera, kera hariya mu ntango, ya Nama rusangi. Hanyuma Ica irabigarukana igihe bakira Izina rya Yesu Kristo kubw'umubatizo wo mu mazi. Noneho umwe aca ataruka gurtya, uwundi gurtya, uwundi aca aragenda...; baca bagira amadini ibi na biriya. Imana yabandanije ihezagira.

Noneho, aho aboneye yuko atoshobora kubavuma, murabona. None agiye gukora iki? Agiye kubagira idini. Abashikane aho..."Oo, ukwo biri kwose twese turi umwe," murabona. "Twese twizera Imana imwe." Rero burya ivyo ni vyo Balamu yakoze. None mbega Yuda ntiyatuburiye kur'ibi? Barazimiriye mu nzira ya...mu nyigisho za Balamu maze bahonera muri wa mugararizo wa Kora. Mbega Yuda, mwene wabo na Yesu, uwagizwe umwana mu muryango, ntatuburira muri Bibiliya? Bameze nka Kayini, uhereye mu ntango, wa mucangero. Umwe yagenda mu rusengero hanyuma akubaka amashengero, akubaka igicaniro agatanga n'ishikanwa. Barazimiriye mu nzira ya Kayini. Bajanye inzira ya Balamu, bahonera mu mugararizo wa Kora. Jude arashira ibintu vyose ahabona nk'uko turiko turabikora muri iki gitondo hano imbere yanyu, nk'uko twahoze tubikora. Ivyo bintu vyose biri aho.

81 Barahoneye mu mugararizo wa Kora. Nimwiyumvire kur'ivyo bintu, ukuntu vyari bibi! Kwiyumvira gusa ku vyo uwo Kora...Murabona, yagize ati: "Ubu rero, twese tuzoje mur'uwo munsi mukuru. Twese turi umwe." Abantamowabu barizera Imana. Abo bari abana b'umukobwa wa Loti. Murabona? "Twese twizera Imana imwe." Mu buryo bw'inyuguti, bari bafise ukuri neza cane. Nimurabe Balamu ng'aho, ku vy'urufatiro yari ameze nka buri Mubatiste wese mwiza cane Umuperesipiteriyano muri iki gihe. Yaramutse hariya, kandi aho hari Abisirayeli, abatari bari idini... Bari ihanga. Abisirayeli ntibari igihugu. Ico gihe bari ihanga. Inyuma y'igihe gito, ntibashatse kujana inzira y'Imana. Baciye barondera kumera nk'ayandi mahanga. Aho ni ho bananiriwe. Ariko igihe cose bari bagishaka kugumana n'Imana, vyose vyari bimeze neza.

82 Balamu arasohoka, atereza amaso epfo, avuga ati: "Emwe, bagenzi! Ndazi yuko umwe muri barya bakozi b'Imana yarongoye umugore w'uwundi mugabo." Ibi bintu vyose, ata nkeka, vyari vyuzuye hose. Yaribagiye kwumva akamo ka wa—wa Mwami mw'inkambi. Ntiyari bwigere abona ca Gitandara cakubiswe, na ya nzoka y'umuringa yamanikwa hariya kubw'impongano. Ntiyamenye yuko batari barifatanije n'idini na rimwe. Bari bafatanye n'isezerano ry'Imana, kandi bariko bagenda bagana kuri ryo, murabona. Hanyuma mu buryo bw'urufatiro, Balamu avuga ati: "Nyubakira ibicaniro ndwi." Ivyo ni vyo Yehova yasaba. Ivyo ni vyo Yehova yaronse ku mpande zompi. "Neza cane, shirako inyana ndwi." Ivyo ni vyo bariko barakora hepfo hariya muri iyo nkambi. "Nshirirako impfizi z'intama ndwi kuko umunsi umwe Mesiya azoza." Neza cane.

83 Murabona, mu buryo bw'inyuguti z'urufatiro, bompi bari bafise ukuri; ku rufatiro. Murabona, ariko umunsi umwe abonye yuko atabashije kumushikana kuri ivyo, yaciye avuga ati: "None hamwe twitunganije." Kandi aho ni ho bakoreye ikosa ryabo.

Kandi aho nyene ni ho Abapentekote bakoshereje; igihe yasubira inyuma ikitunganya nk'ayandi mashengero yose. Jewe si ndi umwansi wanyu. Ndi Mwene So. Umwe wo mur'iyi minsi mugiye kubona yukouku ari Ukuri. Bishobora gufata akanya gato nko guhindukira kw'izuba, ariko hari igihe muzobona yuko ibi ari Ukuri.

Nuko rero inyigisho ya Balamu yarabahushuye... ivyo ni vyo barondera. "Twese turi bamwe," murabona? Nuko baca barajayo. Abavugishwa babo bose hamwe n'abandi bose baca bagendayo ubutarariye. Kandi hari ku munsi mukuru, bamwe bavuga ati: "Kandi twese twizera yuko hariho Imana imwe. Reka tuvyizere." Neza na neza ivyo bari bahoze barondera.

84 Ubu mu gihe Umumetodiste n'Umubatiste bashobora kuja hamwe bigoranye kubera idini, ariko mu gihe haje idini rikuru, iryo twese dushobora guhuriramwo, burya, "Oo," uravuga uti: "Ivyo Abapentekote ntibazokwigera bavyakira." Ntibazovyakira? Ni ibiki bariko barakora ejo bundi i Missouri? Murasoma ibinyamakuru vyanyu koko, murabona. Ntuzobikora? Oya, atari mwebwe Abapentekote, mwebwe bantu; ariko atari mwebwe, ubutegetsi ni bwo buriko burabajanayo. Uwo ni wo mutwe uriko urabajana. Ukwo ni ukuri. Ntimuje na rwo. Nimugume kure y'ico kintu, ico ni ca kimenyetso ca ca gikoko. Ivyo bintu nimuvyiyambure vuba hashoboka, murabona. Ivyo ni ivy'idi...Ni umukuru w'ubutegetsi ariko aratwara urwo runani.

85 Ntitwokwigeze tujabuka hariya ngo turwane n'Ubudagi canke na kimwe co mur'ivyo vyose bisigaye. Bafise ibise...bamwe muri aba banyepolitike bakomeye baricara ng'aho kugira ngo bakore inkoho nshasha hanyuma batangure...Sinshaka amafaranga avuye muri...amafaranga y'amaraso avuye mu mwana wanje

bwite, uwo vyabaye ngombwa yuko agenda hiyo maze akayapfira! Murabona? Ariko ni ivyo nyene, politike ni zo zibikora. Kandi isi yose iganzwa na wa murwanizi. Ivyo ni vyo neza na neza Yesu yavuze. Kandi ntizokwigera iba nziza kiretse muri bwa Bwami bw'Imyaka Igihumbi, igihe Yesu azozira maze akigarurira vyose. Ariko ubu dufise izo ngorane. Nimwihute kano kanya mu gihe tugishobore guhunga.

86 Rero ivyo bari bahoze barondera...ivyo nyene. Ivyo ni vyo bashaka. Intsinzi ya Satani mu munsi mukuru w'Abanyamowabu. Arafise n'iyindi igiye kuza. Bose ariko arabacakira mur'ubwo buryo nyene. Nimurindire...Bose icarimwe! Nimwiyumvire gusa ku vyo bakoze. Vya bindi nyene nk'uko vyari bimeze. Ntivyafashe imyaka itatu canke ine kugira ngo bije ahabona. Bo...uwo muvugishwa w'ikinyoma, urya muntu yirengagije Ijambo ry'Imana...imburi yose Imana yari yarungitse mu gihugu cose, ikababwira iti: "Nimuve mur'ivyo bintu! Nimuve mur'ivyo bintu! Nimuve mur'ivyo bintu!" Ntibazobikora. Bazobigumamwo ubudatirigana.

Birirengagiza Ijambo ry'Imana, birengagiza Amajambo, bakirengagiza ibimenyetso, bakirengagiza ibintu tubayemwo. Baribandaniriza bavuga ngo: "Tugiye kubigira uko vyogenda kwose. Tugiye tubitumbereyemwo. Dutegerezwa kubigira. Nta bindi. Twese turi umwe." Mbega murabona ubupfu bw'umurwanizi? Ico ni ca kintu nyene bakora i Nikeya, i Roma. Babikozemwo idini, kandi ivyo ni vyo vyashitse. Satani yagize ibirori vy'i Nikeya. Oo, bagenzi! Kandi kuva...Nimwumve, ngiye kuvuga ijambo rikomeye hano hantu kano kanya. Hanyuma namwe muriko mwumviriza iyi bande mushaka gutera ibihari kur'ibi, nimuvyiharirize mwebwe ubwanyu, hamwe na kahise be na Bibiliya, murabona, ariko atari guhaririza jewe.

87 Nimwumvirize! Igihe cose Imana irungitse intwarabutumwa hanyuma igatangura ubutumwa...Hanyuma igihe iryo shengero, iyo uwo mugwi w'abo bantu ugiye mu birori vy'amadini... Aho ni ho babikorera. Aho ni ho mwebwe abo mu Makoraniro mwabikoreye. Aho ni ho mwebwe abo mu Bumwe mwabikoreye. Aho ni ho mwese mwabikoreye, mu birori vyanyu vy'amadini, mukigarukana ubutarariye muri ca kintu nyene Imana yavumye uhereye mu ntango. Ukwo ni ukuri neza na neza. Igihe cose ishengero ryigeze rigira umuvyuro...Mu gihe ca Luther, hanyuma i... Ni igiki caciye gishika? Abametodiste...uhereye kera uko ibihe vyagiye bikurikira... Zwingli, Finley, Finney, abo bose, igihe bagira umuvyuro, bawukojeje iki? Baciye bawujana mu birori vy'amadini, hanyuma babihamagariramwo n'abandi bose, mukishirako icapa nk'abandi bose. Aho rero murafise umugwi w'abantu babaganza. Mpwemu Yera ntashobora kugera kure. Ukwo ni ukuri. Mutanguye mwigisha ikintu kanaka Bibiliya yigisha, nk'uko...hanyuma iryo dini rikaba ritacizeye, ubwo nyene bazoca babirukana. Murabigeza rimwe murabe nimba ari vyo canke atari vyo. Muzoca musanga ari ukuri. Murabona, buri gihe bahamagariwe mu munsi mukuri w'amadini, ivyo birori vya Balamu, ingorane zica zinjira. Oo Luther, Wesley, Pentekote, kandi abo bose vyarabashikiye.

88 Nimurabe neza. Ni muri ico gihe (haleluya), igihe Mose yaza akavuga ati: "Ni nde ari ku ruhande rwanje n'Imana?" Amen! Ni ho wa Mulewi yaca asokora inkota yiwe, anyuragira mw'inkambi maze aherengeteza abo bose bari bagiraniye isano na vyo. Amen! Bose; umugabo wese yari afise umugore w'Umunyamowabukazi, ubwo nyene baca babicira hamwe. Igihe kirageze. Uwo muntu ari he? Abahungu ba Aroni bari he? Bamwe bo muri ba baherezi bafise umwete wo kubangura Ijambo ry'Imana, iyi Nkota ityaye y'ubugi bubiri? Yavuze ati: "Ni nde ari ku ruhande rwanje n'Imana?" Ari he? Urashobora gutumira, ugatumira ariko ntihagire n'umwe yitaba. Murabona ico nshaka kuvuga? Ntitugitahuye. Twebwe gusa...Hariho ikitagenda neza. Nimurabe neza, aho bariko...Hari igihe Mose ahagurutse maze akavuga ibi bintu.

89 Nimurabe neza, kirya caha cabo bakoreyeyo, igihe bitunganiriza hamwe na Mowabu bakabagira umubiri umwe...kirya caha ntibigeze bagiharirwa. Ngomba ndekure umuriro kur'ico kintu umunota umwe gusa. (Umwanya wamaze kurenga, ariko hinge umunota umwe gusa.) Ico caha cabo ntibigeze bagiharirwa. Nta n'umwe muri bo yigeze ahonyoza ikirenge mu gihugu c'isezerano. Yesu yavuze, muri (mumbabarire umunota umwe) Yohana Mweranda 6...Yesu yavuze muri Yohana Mweranda 6, igihe bari bavuze ngo: "Ba sogokuruza bariye manu mu bugaragwa." Bari Abapentekote. Mwene Data, barariye manu, bari bafise ikintu ca nyaco.

Yesu na We ati: "Ariko bose barapfuye. Barahonye. Bararandutse ibihe vyose. " Ico caha cabo ntibigeze bagiharirwa. Bakoze iki? Bararenze kw'isezerano ryabo n'Imana, maze bitunganiriza hamwe na Balamu, wa muvugishwa w'umucangero atari yarafashe nkama imburi y'Imana; atari yarafashe nkama Ijambo ry'Imana; nta kintu na kimwe c'Imana yafashe nkama. Ariko yari yamaramaje kubashira hamwe bose. Murashobora kubona ubwo bupfu? Ico noshobora kukimarako umwanya muremure, ariko ndibaza yuko mubitahura. Murabona? Nimurabe neza, ico caha cabo ntibigeze bagiharirwa; nta n'umwe muri bo barya bari babaye mw'iyo migisha kandi bakarya kur'irya manu be n'ibindi vyose.

90 Iyo Ubutumwa nyabwo bw'ukuri bushitse ku gahinyuza, baca babugira idini. "Reka tujane n'Abamowabu. Ni idini rikomeye, igihugu gikomeye. Twebwe nta n'ubwo turi igihugu. Duca twabirana na bo hanyuma aho vyose bizoba bimeze neza ico gihe. Tuzoba turi kumwe na bo." Kandi ico ntibigeze bagiharirwa; haba ba mba, haba na mba ntibigeze bagiharirwa.

Yesu yavuze ati: "Bose barapfuye." Nimusobanure iryo jambo mu Giheburayo canke mu Kgiriki, rumwe mur'izo ndimi, canke mbere no mu Congereza, risobanura "gutandukana ibihe vyose," kuranduka ibihe vyose. Ukwo ni ukuri.

Oo, egome, bari barabonye ibitangaza. Bari barabonye Ijambo risizwe amavuta. Bari barariya manu iva mw'Ijuru. Bari baranezererewe imihezagiro y'impongano. Bari barabonye ca Gitandara cakubitwa gitanga amazi yaco. Bari barayanyoyeko. Bose bari baraciboneye. Ariko igihe vyagera aho baca kubiri n'iryo Jambo...Ibi ntimuze mwigere muvyibagira! Igihe Yesu yavuga ati: "Jewe na Data turi Umwe," ntiyavuze yuko hariho batatu. Igihe ibi bintu nyamukuru vyose vyo mu Vyanditswe...

91 Umugoroba umwe hariho umugabo umwe yantumbereye kugira ngo anyereke aho nihendera, yariko avuga ku butatu. Ndafise incuti nziza ibihumbi zizera ubutatu. Bari muri iyo Babuloni. Ndafise incuti nyinshi zo mu Banyabumwe, na zo nyene ziri muri iyo Babuloni, murabona. Ariko vyagenze gute? Yavuze ati: "Ni imvugo, Mwene Data Branham. Urizera ubutatu?"

Nanje nti: "Koko." Nca mvuga nti: "Reka mfate iryo jambo ukoresheje: imvugo." Ndavuga nti: "Iyo mvugo uyizera mu buhe buryo?"

Agira ati: "Nizera Imana imwe."

Ndavuga nti: "Ugize neza," murabona.

Avuga ati: "Nizera yuko hariho Imana imwe, n'abaperesona batatu mu Bumana."

Navuze nti: "Burya ivyigwa vyawe ntiwavyigiye i Biola?"

Avuga ati: "Egome."

Ndavuga nti: "Birumvikana." Navuze nti: "Ivyo ntivyerekana yuko wigishijwe neza." Ndavuga nti: "Abaperesona batatu, hanyuma ngo Imana imwe?" Ndavuga nti: "Twisunze kazinduzi yitwa Webster ng'aho, hategerezwa kubanza kubaho umuntu imbere yuko biba umuperesona. Muntu we, aho burya wizera imana zitatu." Ntushobora kuba umuperesona utabanje kuba umuntu, kubera yuko bisaba umuntu kugira ngo abe umuperesona.

Bavuga rero ngo... yaciye avuga ngo: "Erega, Mushingantahe Branham, urazi, n'abanyatewolojiya ntibashobora kubisobanura."

Ndavuga nti: "Ukwo ni ukuri koko. Ijambo ntirizana ku munyatewolojiya." Nadavuga nti: "Bibiliya yose ifataniye mu Mpishuro, 'Kuri urwo rutare nzokwubakako Ishengero ryanje, kandi amarembo y'i kuzimu ntashobora kuritsinda.'" Murabona? Amen, ng'ivyo rero, murabona. Ariko rero iyo bigeze kuri ivyo bintu...Oo, bagenzi!

92 Kano kanya tugomba twihute maze turangize vuba hashoboka. Ntegerezwa kureka bimwe mur'ibi Vyanditswe hamwe n'ibi bisomwa, murabona. Ubu rero nimurabe, ntibigeze baharirwa ico kintu bari bakoze. Bari barakoze iki? BBari baranezererewe imihezagiro. Ivyo ntimuvyibagire. Ngiye kubisubiramwo. Ntibigeze bababarirwa kubw'ivyo. Mwibuke, iyi bande izokwira hirya no hino kw'isi. Murabona? Iravuzwa mu makambi yo muri Afrika, mu Buhindi, kw'isi yose; zirasobanurwa mu ndimi zitandukanye; no mu makambi atandukanye, ahantu hatandukanye. Ico caha ntibigeze bagiharirwa. Iki?

Uravuga uti: "Emwe, Imana ishimwe, narakoze ibi. Narakoze ibi. Narariye manu yo mw'Ijuru.

Egome, na bo nyene barayiriye. Hanyuma Yesu yavuze ati: "Bose barapfuye." Ariko iyo bigeze ku Butumwa nyabwo, aho batategerezwa kurenga kuri rirya sezerano hamwe n'irindi hanga...Imana yari iyivangura kandi yaciye ivangura abo bantu, kandi nta kintu na kimwe bategerezwa guhurirako, ngo babirane n'umwe n'uwo ari we wese. Kandi ishengero ry'ukuri nyaryo n'Umugeni wa Kristo, ryifatanya na Kristo na We akaba ari Ijambo. Kandi ntimwabirane n'ukwitunganya na kumwe, idini na rimwe. Nimugumane neza na neza na Kristo be n'iri Jambo, nk'umuntu ku giti ciwe. Kubikora ni ugutandukana n'Imana ibihe vyose. Ndizera yuko mwese mubitahura.

93 Rero mu gisomwa cacu, umunsi mukuru wa Pasika wari wegereje; yari ugiye kuba. Cari igihe kibi. Abantu bari baryamye hanze y'amarembo. Igihe cose Pasika yaba yegereje, ibi vyaraba. Bari hanze bicaye hasi. Amazu yose y'uburaro yari yuzuye n'ibindi. Yari Pasika. Aho hariho ibintu bihambaye vyari vyitezwe. Ahantu hose hari huzuye. Kano kanya nko mu minota igera kuri itanu nzoba nasohotse, Umwami abishatse, canke cumi. Bose bari baremerewe.

Nimurabe, aho hantu hari hariho imice itatu y'abantu. Murabona, hari ikintu gihambaye cari citezwe. Bari bamenye yuko Uyo Muntu atangaje yari agiye kuza mur'uyo munsi mukuru. Bamwe muri bo baramukunda, bakamwizera. Bamwe muri bo baramwanka; benshi muri bo baramwanka. Kandi kubera ko bamwe bamukunda abandi bakamwanka, uwo hagati ntiyari azi ico yokora, murabona. Ntaco bari bazi. Murabona, icuka cari gihari cari cuzuyemwo ibintu vyitezwe. Umwe yavuga ati: "Niyaduga hariya,

ndababwire duca tumuhamagara...Tuza guca tumuha igipimo c'Ijambo. Duca tumuhagarika hariya hamwe n'abaherezi bakuru. Tuzoraba yuko ubwenge bwiwe buzohangana na Kayafa." Ivyo Yari yari yaramaze kubigaragaza, murabona.

94 Ariko duca dukora gurtya: Turaza kuraba...Ndazi ivyo bamwe mu bayobozi bakomeye bazomushirako. Muhungu, uwo Muntu bazoca bamufata bamusohore bamuterere hanze. Bazomwereka ico Yari co, nibihenda ku baherezi bacu. Muhungu, barazi ico bariko barakora. Ni abagabo b'incabwenge. Barazi ico bariko barakora.

Abandi bavuga bati: "Ukwo biri kwose, je nguma nibaza ico bagiye gukoza Uyo Muntu."

Abandi bavuga bati: "Oo, ndamurindiriye ashike! Imana iri kumwe na We. Ni We ari rirya Jambo. Oo, numva nshaka kumubona gusa!" Murabona? Oo, bari baciyemwo imice. Noneho murabona, abari bamuzi kandi bakanamwizera, bari bazi irembo ryo kurindirirako, murabona. Bari bazi inzira Yari agiye kuzananamwo. Hari hariho ikintu gihambaye cari citezwe, ariko murazi, benshi ntibamubonye. Murabona, hari benshi batamubonye. Ni ko bimeze n'uyu munsi.

95 Bamwe muri bo bavuze bati: "Ni Umuntu mwiza. Oo, nta kibi kiri muri We. Ni nka kurya Napoleon, Washington, yari umuntu mwiza. Ariko oo, nk'umwigisha, oya, oya."

Bamwe muri bo bavuze bati: "Oo, ni Umuntu mwiza. Oo, vyose ahava abivangatiranya, nta bindi. Ni Umuntu mwiza. Nta n'umwe ashobora kumuvugako ikintu kibi."

Abandi bavuga bati: "Oyaye, ni idayimoni. Ndashobora kubabwira yuko birya bintu vyo gusoma ivyiyumviro hamwe n'ivyo bintu vyose, bi—birya biba ari ubuvugishwa bw'ibinyoma. Biranyuranye n'imyizerere yacu. Ntimuhave mwizera ikintu nk'ico."

Uwundi agaca avuga ati: "Icubahiro kibe ic'Imana, ni Imana. Ndamuzi. Noneho raba." Kandi bari barindiriye. Rero ukwo ni ko duhagaze uyu munsi, ariko ni ca kintu nyene: Ijambo risizwe amavuta kubw'iki gihe; Igihe c'Ishengero rya Lawodikiya.

96 Ubu rero tugiye gusoza mu kuvuga ibi, akanya gato. Imice itatu ni yo yari imurindiriye. Ni ko bimeze uyu munsi, ukwo ni ukuri, itatu. Nimurabe, abizera bariko baravuza impundu. Murabona? Murabona? Igikorwa ciwe cari catumye akundwa na bamwe, yankwa n'abandi, hanyuma atuma uwo wundi muce umwibazako, murabona. Igikorwa ciwe...Ivyo reka nongere ndabisubiremwo. Igikorwa ciwe, ico cari kiri cose...Ubu turabizi,ryari Ijambo. Ariko igikorwa ciwe cari catumye abantu bamwe bamukunda. Bari bategekanirijwe kuva kera gukora ivyo. Murabona, baravyizera. Barabibona. Ntihari hakiriho...Natanayeli amaze kudugayo, amubwira ivyo yakoze artyo, yaciye avuga ati: "Rabi [risobanura ngo Mwigisha], uri wa Mwana w'Imana. Uri wa Mwami w'Abisirayeli, nta kibazo nsigaranye."

Simoni yari ahagaze aho, aca avuga ati: "Oo, Andereya, sinjayo. Ndamaze kwumva ibisa birtyo."

"Ariko Andereya, wategerezwa kuza. Wategerezwa kuza, ngwino rimwe gusa."

Hanyuma mu gihe yari yicaye aho, Yesu yaramubonye aje, murabizi, ariko araduga. Aca amubwira ati: "Witwa Simoni. Uri mwene Yona." Nta kindi kibazo congeye kubaho. Murabona, ivyo ni vyo vyari bikenewe kuri co. Bari aho. Bari bizeye. Barabibona. Bari bazi yuko ivyo ari vyose Mesiya yategerezwa gukora aje.

97 Yategerezwa kuba Umuvugishwa, kuko Mose yari yavuze ati: "Yobaye ari Umuvugishwa." Kandi abo ba nyamuj'irya n'ino bari bamaze imyaka amajana ane ata muvugishwa bafise. Vyamye na ntaryo bisaba umuvugishwa kugira ngo abishire ku murongo, buri gihe. Na We Yari ahagaze aho.

Nta kibazo cari gihari kuri bo. Bari barindiririye aho bafise amashami y'ibigazi mu ntoki, bavuga bati: "Mu kanya araseruka." Bari barindiriye!

Igisagara cose kija mu ruhagarara. Baguma bavuga bati: "Ehe karya kagwi k'abanyakaguma gakoraniye kuri rirya rembo."

Uwundi na we ati: "Ndibaza ico aza gukora niyadugana hano. Murazi, nibaza yuko ari umwangushi. Nibaza yuko ari umunyamayeri nka kumwe kwa bakame, murabizi, canke ikindi kintu nk'ico, murabizi.

Kandi ni nk'uko nyene bavuga uyu munsi: "Oo, ibintu kanaka vyo gusoma ivyiyumviro vyo mu mutwe. Ni ikintu kanaka..." Barashobora kubisobanura mu buryo bwose.

Uwundi avuga ati: "Iyo ni idayimobi. Guma hakurya y'iki gisagara. Ntahira ikintu na kimwe ugiranira n'ivyo. Ntuhave wifatanya na bo mw'ico gikorane. Ntumanukeyo, urabona. Nta kintu na kimwe tuza kugiranira na vyo." Imice itatu y'abantu.

98 Ubu rero nimurane. Noneho ng'Uyo araje agendera ku nyana y'indogona mw'ico gisagara. Neza na neza nk'uko Ijambo ryari ryaravuze yuko Yobikoze. Yariko agendera ku ndogoba ntoya, mu kwinjira

mur'ico gisagara. Abatari bahanze amaso kuri za nemera, abatari bahanze amaso urusengero, ntibahange amaso kuri ivyo bindi bintu vyose, ntibahange amaso ku baherezi n'ivyo bavuga; abo bamwizera bari bahagaze aho bafise amashami y'ibigazi mu ntoki. Bari barindiriye ko aseruka. Ntuzokwigera ubumva bavuga ngo: "Uyo ni nde?" Oya, oya! Bari bazi Uwariko araza. Barazi ico Ijambo ryavuze. Murabona? None wa wundi muce, mbega murawubona hariya inyuma mu gisagara? Hanyuma igihe bumva impundu zivuga ngo: "Hosana ku Mwami. Hosana ku Mwami aza mw'Izina ry'Uhoraho. Hosana! Hosana!" Hamwe n'akamo kenshi...

Abaherezi baca barasohoka kuraba ikiriko gitera ako kaguma k'ivy' ugusenga. Ni ho abantu babaza bati: "Uyo ni nde?" Kubera iki bari bari ng'aho ga bagenzi? Umunsi mukuru w'ivy' ugusenga! Ya Mana yari yarabategetse kugira uwo munsi mukuru, ikababwira yuko Yoja ng'aho mw'ubwo buryo, none ehe bariko barasemerera babaza ngo: "Ni nde?"

99 Ibihe ntivyahindutse. Abantu baremwe gurtyo nyene nk'uko vyari bimeze ico gihe. Abaheburayo 13:8 havuga hati: "Ni Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi n'Ibihe vyose." Kano kanya ngiye gusozera mvuga ibi: Ikibazo ntikikiri icabo. Bo babaza bati: "Uyo ni nde?" Ariko mu 1964, ikibazo ni iki: "Mwebwe mugira ngo ni nde?" Ibi vyose ni ibijanye n'iki? Mwarahagaritse guserangura Ivyanditswe? Muvuga ko Uyu ari nde? Ni ivyo gusoma ivyiyumviro vyo mu mutwe? Mbega ni inyeshamba yazananye mu bugaragwa hiyo hakurya ahantu kanaka, nk'uko babivuze ngo Yohana yari umuntu w'inyeshamba yafata abantu akabadubika mu mazi; mu gihe, Yesaya yari yaravuze yuko yobaye ar'aho, integuza. Malaki yari yaravuze yuko yobaye ari aho kurya nyene neza na neza. Barya bavugishwa bavuze bati: "Uyu muvugishwa azohaguruka aho nyene kugira ngo abe integuza." Kandi ng'uyo yar'aho.

Bo bavuga bati: "Iyo nyeshamba. Nimugume kure yiwe. Murabona? Ntugire ico mugiranira na we." Hanyuma aho nyene Mesiya aba araje, neza na neza ivyo Ivyanditswe vyari vyaravuze, yuko Yokwinjiye mw'ico gisagara agendera ku ndogoba. Ni Umugwaneza kandi yiyoroheje, ku ndogoba, ariko arinjira mur'ico gisagara, kugira ngo ivyo Ivyanditswe bishike." Kandi aho hari hahagaze abantu bari bagarutse ku munsi mukuru w'ivy' ugusenga, nka Balamu, mu birori vy'idini, barababaza bati: "Uyo ni nde?"

Kandi yu munsi, Ivyanditswe vyasezeranywe kubw'iki gihe bagenzi, bishikira aha nyene hagati yacu, isaha ku yindi. Mwibaza yuko ari ibiki? Reka tubizirikaneko mu gihe twunamitse imitwe yacu.

100 Mana mukundwa, twese turiko turazirikana cane, vyimbitse, kuko ibi dutegerezwa kubikora. Biri imbere yacu, Mwami. Turakubona, Wewe uri wa Mami ahambaye. Turabona isezerano ryawe ry'Ijambo. Tumaze igihe kirekire ibi tubirondera, kubw'iki gihe gihambaye kigiye kuza, mu gihe tukiriho ubu. Turabona Ijambo ryawe risizwe amavuta mu bantu bawe, babeshejweho na ryo, neza na neza ivyo wari waravuze yuko vyoshitse. Turabona umugwi wa satani usizwe amavuta hiyo hakurya ku rundi ruhande. Kandi twagiye tuvyerekana mu gihugu cose, hirya no hino biciye mw'Ijambo, bityo ntihazobaho ibuye na rimwe rizosigara ridashizwe ahabona. Sinzi uwo wageneye Ubugingo, Mwami. Ivyo kumenya ivyo ntibindaba, ivyo ni ivyawe. Ariko ibindaba ni gukuraho ibuye ryose. Mana umfashe, fasha abandi bantu bavyizeye. Kuraho ibuye ryose, Mwami, kugira ngo ntihagire ikintu na kimwe wabitegekanirije kitazovyumva.

Turagomba kubona Ukuza kwawe, neza na neza mu runganwe rwacu, Mwami. Turavyizeye. Turizera yuko hariho uwundi wa Gatanu w'ibisandasanda; uwa Gatanu Mwiza be n'uwa Gatanu w'ibisandasanda. Ukubambwa kw'Ishengero ryawe, ariko izoba ari intsinzi yacu niwabizamwo.

101 Turasavye Mana ngo uyu munsi uze guhezagira ihanga ryawe. Hezagira iri shengero rito. Hezagira uyu mwungere mukundwa be n'umuhungu wiwe hano, Mwene Data Outlaw n'umuhungu wiwe; bompi Jimmy Sr. na Jr. Hezagira abantu bose bari hano.

Mana, reka ntitwigere tuza hano mw'iki gitondo... Reka Jewe...Sinigeze mva hiyo ruguru i Tucson kugira ngo gusa... Nimba nagize amahirwe yo kuvugana n'abantu bamwe, Mwami, ntikwari gushira hejuru ikindi kintu kiretse uyu Muntu, Uwo abantu bibaza Uwo ari We. Barazi yuko umuntu adashobora gukora ibi. Barazi yuko birengeye umuntu kumenya ibi bintu. Ariko abantu barababaza bati: "Ibi ni ibiki?"

Mwami, turazi yuko ari wewe. Ni Yesu Kristo, mu Muperesona wa Mpwemu Yera. Ni Mpwemu Yera. "Naje mva ku Mana. Nsubiye ku Mana." Kandi turabona ya Nkingi y'Umuriro ihambaye hagati yacu, Mwami. Vya bindi nyene bakora mu gice ca mbere ca Bibiliya hamwe na Mose. Twarabibonye hagati ya Bibiliya igihe Paulo yari mu nzira yerekeza i Damasiko. Turabibona. None ehe twongeye kubibona mu gihe c'iherezo. Gatatu ni icemezo. Vyamye ari Ubutumwa buri gihe.

Mana, reka abagabo n'abagore ntibababandanye bumiye ku migenzo na za nemera. Ariko reka basohoke mur'ico kintu, ubuzima bwabo babwegurire Imana burundu kandi bizere; atari kwizigira amajambo n'ibindi bintu vy'umuntu, ariko kwizigira Imana nzima. Mu gihe iyi minsi mikuru ibandanya, ugusemerera kuracari: "Uyo ni nde? Ivyo ni ibiki? Ivyo vyose bisobanura iki?" Abanyamadini bavuga ivyo nyene. Kandi wa Mwami Yesu nyene, yambaye umubiri mu bantu biwe, asiga amavuta Ijambo ryiwe kubwa wa Mugeni. Kandi ivyo ntibashobora kubitahura. Bose barashwanyaguritse muri Lawodikiya, ku buryo batamenya ivyo ari vyo. Ariko umuvugishwa yavuze ati: "Mu gihe c'akagoroba, hazobaho Umuco." Ubu rero, turawurindiriye,

Mwami. Ngwino Mwami, uhezagire umwe wese.

102 Muri kano kanya hamwe n'imitwe yanyu yunamitse be n'imitima yanyu, murizera yuko ibi ari ukuri? Muravyizera? Nimukirize amaboko yanyu vyonyene, muvuge muti: "Mu vy'ukuri ndizera yuko ivyo ari Ukuri, yuko tubayeho mu minsi y'iherezo. Turi hano none kandi ndizera yuko vyatuyangaranye cane..." Mwari mwaje mu gikorane ejo bundi, aho ingano, umutumba...Murabona, Nta dini twaronse ryo gukurikira Ibi. Nabaye hano hamwe n'umwungere wanyu uhereye kera, uko imyaka yagiye ikuranwa. Mu bisanzwe, haheze imyaka ibiri canke itatu, biba vyamaze gucika idini. Na bugingo n'ubu ntibiraba idini. Ntibishobora. Igishishwa caravuyeko, ariko nta yindi ntambwe rushobora gutera. Urwo rugano, ca gikorwa c'ibango congeye kugaruka neza na neza kumwe cari kimeze mu ntango. Ni Yesu Kristo hagati yacu mugenzi. Si umuntu, ariko ni wa Muntu Kristo Yesu aba muri mwebwe, kandi ashaka kuba umugabane muri mwebwe, hanyuma namwe mukaba umugabane wiwe. Muri bumwakire uyu munsi?

103 Ese hano hari abatararonka umubatizo wa Mpwemu? Noneho uragira uti: "Mwene Data Branham, ndakubwire, narigeze kuvuza akamo rimwe." Ivyo ni vyiza cane. "Narigeze kuvuga mu ndimi rimwe," Ivyo na vyo nyene ni vyiza cane. Ariko na none ivyo si vyo ndiko ndavuga. Ni gute ushobora kuvuza akamo no kuvuga mu ndimi hanyuma ugahakana Ijambo? Ikimenyamenya ca Mpwemu Yera ni kwizera Ijambo ryiwe. Ukwo nyene ni ko vyahoze bimeze, buri gihe, nimba ushoboye kwakira Ijambo. Ku vyerekeye ivyamwa vya Mpwemu, barya baherezi Yesu barabimurusha nko ku buringanire bw'ibirometero amamiliyoni: ubugwaneza, kuba umunyamahoro, ubwitonzi, n'ubwiyoroshi. We yasenyagura amashengero, akabirukana, abantu akabakubita, akabita "inzoka zo mu vyatsi" n'ibindi vyose, murabona. Ariko ni We yari iryo Jambo. Yari iryo Jambo. Ukwo ni: kwizera Imana. Imana ni Jambo. Nimuryizere.

104 Nimba utarigera uronka umubatizo wa Gikristo, hano hariho ikidengeri. Nturigera uronka Mpwemu Yera kugeza ubu, atuma umenya yuko Ijambo ryose ry'Imana ari Ukuri, atuma avuta "amen" kuri ryo kandi ukaryizera n'umutima wawe wose, noneho urashobora kumuronka kano gatondo. Mw'ico gihe ntuzoba ucibaza Uwutuma abantu bifata nk'uko bifata Uwo ari We. Uzoca umenya ico ari co. Nimba ico kintu utaragicishwamwo, wovuga uti: "Mwene Data Branham, unyibuke mw'isengesho ryawe, ndakiriza ukuboko kwanje"? Kandi uvuge uti: "Kandi Nzogira..." Imana iguhezagire. Imana iguhezagire. Wewe, wewe, Imana iguhezagire, ivyo ni vyiza. Imana iguhezagire, vyiza.

105 O Mana, nk'uko uwo muziki uriko uvuga mu buryo bwiyoroheje...oo, ni Mwiza! Koko: Umujanama, Umwami w'amahoro, Imana y'ubushobozi, Data ahoraho. Ndagusavye ngo wishure aba bantu, Mwami. Nshoboye gusenga gusa. Ivyo vyonyene ni vyo nzi gukora, ni kubasabira. Bakirije ibiganza vyabo. Ndiko nkora nk'uko nabisezeraniye, ndiko ndasenga nsaba ngo Ubahe gucishwa mw'ico Kintu; atari ubwoko kanaka bw'ibishobisho gusa, ariko gucishwa mu Kintu c'ukuri; guhura n'Imana nka kumwe kwa Mose hariya ha hantu h'Ubwaza bwa Shekinah; kandi atari hariya gusa, ariko ata kwigera duhindukira ngo tuve kuri iri Jambo, ariko dutere twerekeza mu gihugu c'isezerano hamwe na ryo. Mana, bikore kuri buri wese kano gatondo.

Hariho abarwaye hagati yacu uyu munsi, Mana. Turasavye ngo Ubakize. Kiza umuntu wese arwaye, abafise ico bakeneye bose. Bikore, Mwami. Ni abawe kano kanya. Ndabagushikirije mw'Izina rya Yesu. Amen.

106 Murantunga...hejuru hano ndahamaze neza amasaha abiri. Ariko nimurabe, mufise umugoroba wose. Murashobora gutaha muhira maze mukaruhuka, hanyuma mukazirikana gato. Ariko ntimwibagire ivyo nababwiye. Nabibabwiye bivuye ku mutima wanje. Ndazi yuko vyumvikana nk'ibitangaje. Mu myaka mike ishize naraje hano muri Phoenix hamwe na mwebwe bantu, nkiza abarwaye kubw'isengesho ry'ukwizera. Sinigeze ndabisobanura, sinashaka kubisobanura. Naritegereza nkabona ivyo abantu bari guca bakora, ndavye gusa ukwigana n'ibindi bintu vyaca vyaduka. Vyambereye ikintu gikomeye kubicungira hafi.

Ariko ubu, nje iwanyu hamwe n'Ubutumwa ico kimenyetso cemeje. Ni igiki Ishengero ryakoze? Oya, ntiryigeze riba idini. Ariko ni ibiki vyashikiye amadini kur'uyu muvyuro? Bakoze iki? Baciye berekeza ubudakebuka muri Lawodikiya. Amamiliyoni n'amamiliyoni, n'amamiliyaridi y'amadorari yarashizwemwo, kandi gusa...rica riba rinini kandi ritunze kandi ririko rirubakisha amamiliyoni y'amadolari y'amatungo n'ibindi nk'ivyo. Hanyuma kwakira Ubutumwa? Ivyo habe na mba. Baca babutera akagere. Ni iki? Igishishwa kiriko cegerwa kure y'urugano. Rero urugano rutegerezwa kuba rumeze ukwo nyene, rwanikiye mu nyonga za wa Mwana kugira ngo ruhinduke urugano rusa n'inzahabu rw'Ubutumwa Bwiza bwuzuye, kubwa Databuja. Mbega ivyo muravyizera? Uyo ni nde, none se? Ni nde? Yoshobora kuba ari umuntu? Ryoshobora kuba ishengero? Ryoshobora kuba idini? Ni Yesu Kristo, wa wundi nyene ejo hahise, uyu munsi n'ibihe vyose. Muramwizera?

107 Ndabaza kano kanya, gusa hamwe no kuninahaza gatoya inyuma y'Ubutumwa butyaye gurtya,... Mushiki wcu, bimeze gute ivyo kuduha inote yo kuririmbirako, kuri ino korare nto hano, kuri ya ndirimbo Ndamukunda. Iyo ndirimbo ya kera urayizi?

Ndamukunda, ndamukunda

Kubera ko yabanje kunkunda,

Yigura agakiza kanje

I Kaluvariyo hakonje h'umwijima.

Muraza kuririmbana nanje? Mwese kano kanya, mu kuninahaza gusa. Nimuninahaze hamwe nanje.

Ndamukunda, ... (Kano kanya mwibuke,

nka kurya kw'imboneshakure, Ari hano.)

Kubera ko yabanje kunkunda,

Yigura agakiza kanje

Ku giti c'i Kaluvariyo.

Murabona ico ivyo vyavuyemwo? Murashobora... Muratahura ubwina bwavyo, ivyo Yakoze?

Ndamukunda,

Sindamubona, ariko ari hano. Ndafise ibintu bikeya naronse ndi hano, ikintu gito kimurika mu mutima wanje. Ndazi yuko ari We bigaragaza. Ari hano.

...kunkunda,

Yigura agakiza kanje

Ku...c'i Kaluvariyo.

108 Kano kanya ndashaka yuko mukora ibi, mu gihe tuyihibongoza. Rero turavanze iyo bigeze ku co twahoze turi. Mwibuke abo mu muryango wanje bari Abakatolika. Murabona? Kano kanya twese hano turavanze, tugize umugwi umwe, ariko twaje tuvuye mur'ivyo bintu vyose ubu. Turi ...turi aba Kristo. Turi abiwe. Noneho mu gihe turirimba iyi, reka duhindukire gusa maze turamukanye. Si ngombwa yuko murinda guhaguruka. Nimuvuge gusa muti: “Imana iguhezagire Mwene Data. Imana iguhezagire Mushikanje,” mu gihe tubikora, mu cuka ca nyaco ca Rukristo, ndizera yuko Imana ikunda kuninahazwa. Mweho si ko muvyiyumvira? Kuyininahaza. Ira... Imana ni ikintu gisengwa. Natwe turashaka kuyininahaza. Duca tubikora dute? Nimukundane. Urashaka gufata mugenzawe... “Ivyo mukoreye abo, ni Jewe muba mubikoreye.”

Reka tuyiririmbe kano kanya, hanyuma turamukanye, twongera tuninahaza, si ko?

Kuko ya...

Imana ibahezagire.

Oo, ndamukunda, ndamukunda

Kuko yabanje kunkunda,

Yigura agakiza kanje

Ku...

Ndabaza, mbega ivyo birarurumba mu mitima yanyu? Hariho Ikintu kanaka aho imbere cumva yuko ari vyiza bimwe vya nyavyo? Murazi, wiyumva nk'aho wopfuma ugifata ukagisokorayo ng'aho hanyuma ukakigumbira. (Huh?) Muriko muvyumva mw'ubwo buryo mu mitima yanyu? Nimba atari uko biri mugenzi, uragaba! Ugeze ahantu h'irinde, murabona, nimba ata rukundo rwa nyarwo rurimwo ng'aho imbere, ikintu kanaka kiririmba giti: “Ndamukunda.” Atari indirimbo gusa, ariko bikaba ari ukuri. Yabanje kunkunda. Nari kuba ndi hehe uyu munsi...Mfite imyaka mirongo itanu n'itanu. Vuba ubuzima bwanje buzoba burangiye, murakoze. None n'iki nari...Yigura agakiza kanje....Mwene Data Trow, wokoze iki...? [Umuntu umwe avuze ari mw'ikoraniro.]

109 Mwarumvise ya ntahe, ngo “Narakijijwe.”

Nakijijwe n'ubushobozi bwayo bwa Kimana,

Nakijijwe ngo ndugemu busongero kibirengeye!

None ubuzima buraryoshe ,umunezero wanje uruzuye,

Kubera ko nakijijwe!

Mubimenya mute? Mpwemu wanje abwiririkanya n'Ijambo ryiwe yuko navuye mu rupfu nja mu Bugingo.

Murakoze, Bakristo nkunda. Ivyo bituma niyumva neza. Ndakunda kuza ahantu nk'aha aho wumva uri muhira. Birangora kuhava. Nca nguma ndahiyumvira, nimurabe kw'isaha; kandi ndabona umukobwa wanje yicaye hariya, anyereka ikimenyetso mu kuzunguza umutwe, agaca araba hasi gurtya; n'umuhungu wanje, yicaye hano hakirurutse, avuga ati: "Urindiriye iki?" Sinzi. Ndakunda gusa kwicara hafi...murabizi. Sinzi. Ndakunda isangira rya Bene Data. Murazi, ibi sindabironka ahantu henshi murabizi, ndabironka gake. Ariko ndazi yuko ndiko ndegereza Hariya, murabona. Kandi umunsi umwe nzokwigisha Ubutumwa bwanje bwa nyuma, zinge Bibiliya irya nyuma. Hanyuma nzoca mfata urugendo ruto. Igihe kimwe muzoze kundamutsa ninamara gushikayo. Muzoduge, hanyuma tuzokwicara ibihe vyose, tuvugane nka kumwe Mwene Data Carl yabivuga, maze tubeho ubuziraherezo.

110 Ubu rero nimurabe bagenzi, hari ikintu ngira ndabasabe yuko mukora. Kano kanya nababujije kuja gufungura, murabona. Noneho ubu, Mwene Data Outlaw hari ico yakoze mu kanya gaheze... Ni imbonekarimwe yuko akora ikintu ntakunda. Ariko ya—yatoje ishikanwa ry'urukundo kubwanje, murabona. Ndibaza nimba uwogenda hariya inyuma, hanyuma agafata iryo shikanwa, agahagarara ku muryango. Hanyuma namwe muce mugenda muyahitane muyaguremwo imfungurwa zo kumurango. Ng'iyo impano iturutse kuri jewe, ibagarutseko, murabona. Ivyo mubikore, murabona. Bizoba ari vyiza. Ni umuntu yiyoroheje. Buri gihe yama...Ntiyigeze...Nta hantu nigera nja canke ngo ngire ico nkora ngo nta—ntashake kugira ico akoze kuri amfashe. Ukwo ni ko ameze.

111 Hano hari abagabo bamwe bahagaze; ndatinya kuvuga amazina yabo, bishobora kubabaza inyiyumvo zabo. Hariho Mwene Data umwe w'igiciro yamaze kuja mu Bwiza, yarihuse kugenda. Icipfuzo ciwe...Yari azi yuko nkunda ishamba, rero yashaka kungurira imodoka yo mu bwoko bwa jipe. Sinamwemereye kubikora. Hanyuma amaze kugenda, umugore wiwe muto yashaka kubikora, na we nyene sinamwemerera kubikora. Ariko abahungu basigaye baragiye hamwe bagenda aho...Kandi hariho uwundi Mwene Data asengera muri iri shengero, yavuze ati: "Mwene Data Branham, nkora imiduga ifise ubushobozi bwo kugendera mu musenyi wo mubugaragwa." Murayizi, imwe igomba kumera nk'amamashini, canke imwe mwita imiduga ihagurutse kandi ikomeye. Rero avuga ati: "Ngomba ndagukorere mwene iyo." Sinamwemereye. Murazi ico aba bahungu bakoze? Baciye bakora ijipe y'iyo modoka ihagurutse ishobora kugendera ku musenyi wo mu bugaragwa. Nta modoka imeze nkayo nari bwigere mbona.

112 Tuvuye muri ca gikorane co muri Tucson wa mugoroba, baciye bayizana muhira ku mbuga, hanyuma bavuga bati: "Iyi ni impano itanzwe n'abantu b'i Phoenix." Murabona, ntibanashatse kuyiyitirira bonyene, bavuze gua ngo: "Oo, ni iya twese hamwe, urabona." Ivyo ni...Oo, ndazi gusa yuko ninashobora kugera mw'Ijuru, nzobana n'abantu nk'abo. Ivyo vyasobanuye vyinshi kuri jewe, murabizi, ikintu nk'ico gusa; utwo tuntu duto...ikintu kanaka.

Ivyo bituma niyumva meze nk'ukwo kwa Mwene Data Outlaw hano. Avuga ngo: "Emwe, Mwene Data Branham, jewe gusa...Nube buduge hano gusa kubwa bumwe...nurondere ahantu kanaka kugeza uronse aho bagukunda, kandi bakakuvugishwa, aho bavuga ivya Yesu. Kandi abo bantu abo...none urazi, "Inyoni zisangiye amubi." Murazi, turakunda guhurira hamwe no kuganira ku bintu bitandukanye, kugiranira isangira rya Bene Data.

113 Kandi ivyo ndabishimye, ariko nta shikanwa ry'urukundo nashaka, Mwene Data, Mushikanje. Jewe....Ishengero ryanje rirampa umushahara muto w'amadolare ijana ku ndwi, kandi ayo aramfasha. Rero ivyo ndabishimye. Noneho nimba umwe wese muri mwebwe ashaka kuronka imfungurwa, emwe, nihagire uwuhaguruka aje guhagarara hariya ku muryango hanyuma muronke imfungurwa mu gishingo canje. Murabona, biza kuba ari vyiza. Bamwe muri mwebwe, nabagumije kure y'imfungurwa. Muramukunda? Mw'ico gihe nanje mutegerezwa kunkunda kubera ko ndi agace kiwe, murabona. Amen. Ni yo mpamvu namwe ndabakunda. Umwami abahezagire.

114 Reka duhaguruke kano kanya. Ntimwibagire vya bikorane bigiye kuba. Igihe cose muzoba muri hafi, mwibuke gusa, muze muze. Murahaze ikaze igihe cose. Mbega muzonsengera? Jewe ndi umuntu akeneye amasengesho. Muzosenga? Ni bangahe bashobora kubona uwo mutwaro, ivyo ntegerezwa gukora, n'ibiri imbere yanje? Kandi ndazi ibigiye kuza, neza na neza hariya hakurya. Murabona? Ndashobora kubibona co kimwe nk'uko mpora mbona ibindi bintu biba bigiye kuza. Ndazi ibigiye kuza, murabona. Ariko nta mwanya uhari wo kubivugako. Reka tuvuge ku biriko biraba aka kanya. Ejo ni ho hazomenya ivyaho, murabona. Muzo—muzonsengera? Kano kanya mwokiriza ibiganza ngo mbone yuko muzonsengera? Vyiza cane.

Imana ibahezagire kano kanya. Ngiye gusubiza igikorane umwungere wanyu mwiza, Mwene Data Jimmy Outlaw. Imana iguhezagire Mwene Data Outlaw.

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7